# Inyota

Tucson, Arizona USA
19 Nyakanga 1965

1 Urakoze,mwene Data Vayle. [Agace katavuga kuri bande—Umw.]

Mwiriwe,bagenzi. Ni ibakwe kuba hano kuri uwu mugoroba. Iyi ni incuro yanje ya kabirikuba hano muri rino Koraniro rya Grantway, hamwe na mwene Data mukundwa, Mack,n'aba bantu beza bose hano, n'Abakristo bifatanije bava mu mashengeroatandukanye, mwene Data Lee Vayle. Kandi nabonanye na mwene Data umwe hano,uwo, u—umugenzi pfampfe wa mwene Data F. F. Bosworth, kandi akaba atari anaziyuko mwene Data Bosworth yagiye guhura n'Umwami. Nca mvuga nti, "Niyumva nk'ahoumengo mpuye na Elisa umwe yahora asuka amazi ku biganza vya Eliya," igihe barihakurya y'amazi hanyuma ntibanamenya yuko mwene Data Bosworth yagiye guhuran'Umwami, ku myaka mirongo umunani n'ine.

2 Aka kanya ngomba kuramutsa abantu bari ku murongo wa terefone kuri uwumugoroba, hirya no hino mu gihugu, kuva muri California gushika i New York, nomuri Texas no—n'ahandi mu bice bitandukanye vy'igihugu, kuva i Maine gushikamuri California. Kubw'ivyo, turafise u—uburyo bwo gufatanya iyo mirongo yaterefones, ivyabaye umuhezagiro udasnzwe. Kandi nubu turazi, biciye ku mugenziwacu mwiza, mwene Data Pearry Green, yuko bafise a—akuma gato bashobora gushira kuritereviziyo zanyu, hanyuma ntibibe gusa ari terefone ariko kandi bikongerabigaca muri tereviziyo zanyu, naho. Kandi bariko barabiraba ubu.

3 Kandi, Mushiki wacu Mack, ndahimbawe no kukubona umerewe neza, wicaye hano kunanga, kuri uwu mugoroba. Kandi benshi mu bagenzi banje mbona bava i SierraVista, na mwene Data Borders…canke mwene Data Roberson, nako, ava muri Indiana;benshi. Ngomba kubwira abantu ba hariya mw'ihema, kuri uwu mugoroba, bisa n'ukonk'igice cabo bari hano, bava mw'ihema ry'i Jeffersonville.

Kandi ku mugenzi wanje hariya, mwene Data Koontz, mwavuze, ku bijanye na wamutwaro w'umwe arwaye. Ndiko ndabisengera mwene Data Koontz. Ugire ukwizeragusa. Ntugire ikibazo. Biraza kugenda neza.

No hepfo muri Texas, mwene Data Blair, nimba uriko uradutega amatwi kuri uwumugoroba, mwene Data, wibuke ibi gusa; yuko Imana yakurenganishije irya mbere, irashobora no kukurenganisha irigirakabiri. Kandi turizera yuko Imana izobiguha. Kandi ntiwemere ikinyomac'umurwanizi ku kintu na kimwe. Wibuke gusa yuko Imana ari Imana, kandihariho…Kandi iguma ari ya Yindi nyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihe vyose.Kandi turayikunda tukanayizera, turiko turagusengera.

Ku bagenzi bacu bose muri California; kuri mwene Data Mercier n'abandi hanomuri Arizona, n'ahandi henshi, Phoenix; na mwene Data Williams, namwe mwesemuriko mudukurikiranira ku murongo wa terefone hariya kuri uwu mugoroba, iryan'ino hose, turashima vy'ukuri; na hariya epfo muri Georgia. Kandi turashimavy'ukuri kubw'umwumwe wese muri mwebwe. Umwami abahezagire.

4 Niyumva yuko mpawe ikaze vy'ukuri hano kuri uwu mugoroba, muri rino shengeroryiza, Ikoraniro ry'Imana hano i Grantway, hamwe na mwene Data Mack, umugenziwanje mwiza. Imana yarahezagiye mwene Data Mack. Ndibuka igihe kimwe muriCanada, yuko yari…nariko ndakurikira inzira imwe, ndi kw'ifarasi, hariya kuremw'ishamba, hanyuma Mpwemu Yera avugana nanje ngo manuke gusengera mwene DataMack. Mur'ico gihe yari mw'irinde, maze Umwami aramukiza. Rero ndashima canekubw'ivyo, no kuba dukoraniye hano kuri uno mugoroba hamwe nawe, ngo dusengeUmwami muri kuno Kuri kwiza.

Umuntu umwe yicaye inyuma yanje, ku gicaniro, yambwiye ati, " Sinibaza yukounzi." Avuga ati, "Umusi umwe warantwaye, nsavye ko unyunguruza," hanyuma,sinzi, ahantu kanaka hariya i Boston canke ahantu kanaka, "muri Detroit, nsabakunguruzwa.

Nca mvuga nti, " Neza, nama ngerageza guha ukuboko, iyo ndabishoboye, kur'abobaba bari mu kibazo."

Rero, uwu mugoroba, twese turi n'ivyo dukeneye. Kandi turasaba yuko Imanayoturamvurira ukuboko kuri uwu mugoroba, kw'ubufasha, kw'imihezagiro, kw'ubuntubwayo n'imbabazi.

5 Rero, nkunda kuvuga igihekirekire, ariko sinshaka kubikora uyu mugoroba. Mu vy'ukuri, hari abantu bomuri Ohio bamaze guhamagara, Madamu Dauch, n'umugwi aho, Mwene Data McKinny, naMwene Data Brown, n'abandi bose bo muri Ohio badukurikiye bakoresheje telefone.Tubarungikiye intasho zacu, namwe. Aho i New York, amasaha arakuze, ndibaza kobitegerezwa kuba hafi saa tanu cangwa saa sita z'ijoro, uyu mwanya, i New York.Kandi insengero zakoraniye hamwe kandi zarindiriye kugeza iyi saha, kuberaigikorane. Turashima ku bw'abo bagenzi beza dufise ahantu hose.

6 Rero, imbere yo gutanguraIjambo, tubwire Umuremyi akanya, mu gihe twunamitse umutwe.

Data w'igiciro wo mw' Ijuru, turi. . . imitima yacu isazwen'umunezero, ku bw'amahirwe dufise yo kuba turiho, aha uyu mugoroba, kandidukoraniye hamwe n'ubwoko Bwawe. Ubwoko. . . kandi, twizeye ko buzobaho ibihevyose. Dufite ubu Ubugingo Buhoraho, kubera ko "Watanze Umwana Wawe w'ikinege".Mu gihe c'urugendo Rwiwe aha kw' isi, Yatwigishije ibi "Uwumva Ijambo Ryanje,kandi akizera Uwantumye,

afise Ubugingo Buhoraho kandi ntazoza mu rubanza,ahubwo yaciye mu rupfu aja mu Bugingo; kubera ko twizeye Umwanaw'ikinege w'Imana." Mbega ukuntu tugushimira ku bw'uwo Mukiza akomeye! Kanditurasaba, uyu mugoroba, ko Ubwiza Bwiwe buhebuje buduha umugisha cane, twese hamweaha, mu gihe turi busome mw' Ijambo Ryiwe kandi tukaza kurivugako. Mpwemu Yeraavyinjize muri buri mutima, ahantu hose mu gihugu, Mwami, aho abantu bakoraniye.

Hezagira abandi bakozi bari ku ruhimbi. Turagusaba,Data, guha umugisha iri Koraniro ryitwa Grantway Assembly; umwungere, umugore wiwe,abana biwe; abadiyakoni, abarongozi n'abagize inama y'uburongozi bose. Kandi,Data, dushobore gukorera hamwe ku bw'Ubwami bw'Imana, mu gihe hari Umuco mwinshiwo kudufasha kubona aho tuja; mu vy'ukuri, isaha irageze aho umuntu adashoboragukora. Kandi, Data, mu gihe dufise aya mahirwe, dushobore gucunguza uburyoumwete, Mwami. Dushobore, reka ivyo tubihabwe. Kiza abarwayi kandi bafiseintimba, ahantu hose mu gihugu. Reka Ubwiza bw'Imana bwumvikane mu mfuruka zosen'impande zose z'igihugu, uyu mugoroba.

7 Turazi ko urubanza rurikorurakubita. Hari uguhinda mu binogo binini, igihugu kiranyiganyize, harinyamugigima y'isi ahantu hatandukanye. Twumvise bavuga muri Bibiliya ibikorwabikomeye vya kahise, mu bihe vyashize, urubanza rwarigaragaje, kandi turabonaivyo bintu vyisubiramwo uyu munsi. Ubuhanuzi buravuga buti "ivyabaye mu minsiya Nowa, bizoba kimwe mu kuza k'Umwana w'umuntu. Ivyabaye mu minsi ya Loti,bizoba nk'uko nyene mu kuza k'Umwana w'umuntu", kandi turabona ivyo biba ubu. "Umutimaw'abantu ufise ubwoba; igihe tutazi ico gukora; umubabarro mu mahanga." Ô Mana, turazi ko turi mu gihe c'imperuka.

Dufashe, Mwami, kujana Ubutumwa mu mfuruka zose n'impandezose, kuri buri mwana yageneye Ubugingo. Bitange, Mwami. Tubisavye mw' Izinarya Yesu. Amen. Rero Imana ihezagire ugusoma Ijambo ryayo.

8 Ubu Rero, benshi muri mwebwe bakunda gukurikiramuri Bibiliya, umurongo umukozi asomye. Kandi uyu mugoroba, ndashaka gusomaimirongo kanaka, itatu, muri Zaburi, Zaburi 42, kugira ngo bimfashe kuronkaumutwe w'amajambo. Kandi nanditse imirongo y'Ivyanditswe aha, nshakagushimikirako, nimba bishoboka, mu gihe turi bubandanye, mu kanya kanaka,icigwa cacu. Zaburi ya Dawidi. Ni Dawidi yanditse Zaburi.

Rero, mu gihe muri kurondera umurongo, munyemerereremvuge ibi. Abantu benshi baravuga bati "Mbega, Zaburi zirafise isigwa?"Zirasizwe nta nkeka.

Ibiri vyose - ibiri muri iyi Bibiliya bifiseisigwa, vyaba inkuru za kahise, vyaba indirimbo, ivyo ari vyo vyose. Bifiseisigwa. Yesu yavuze ati "Ntimwasomye ivyo Dawidi yavuze muri Zaburi?" Rero,ndibaza, Zaburi, vyumvikane neza, ni indirimbo. Kandi nimba indirimbo zisizwen'Imana, kandi ni co nizera, kandi zikaba zitanga ubuhanuzi ndetse, nizeye konzoba ndahari umunsi iyi ndirimbo izashika.

Hazobaho guhurira mu kirere,

Ahantu heza, ahantu heza;

Tuzohurirayo, ndabaramutsehariya

Muri iyo Nzu hakurya y'ijuru;

Indirimbo tutigeze twumva,itigeze yumvwa n'amatwi y'umuntu apfa,

Bizoba bihebuje, ndabibabwiye!

Umwana w'Imana Ubwiwe azobaari We Kizigenza

Muri uko guhurira hamwe mukirere

Ôo, nda—ndashaka kuba ndahari,ico gihe!

9 Rero Zaburi 42.

Nk'uko impongo ihuzagizwayifuza imigezi, ni k' umutima wanje uhuzagizwa ukwifuza, Mana.

Umutima wanje ugirira Imana inyota, Imana Nzima, Nzozaryari ngo nseruke mu nyonga z'Imana?

Amosozi yanje ni yo yambereyeivyo kurya ku murango no mw'ijoro, Bakarenza izuba bambaza bati' Imana yawe irihehe?

Ndibaza ko Dawidi, igihe yandika iyi Zaburi,abwirizwa kuba yari mu bibazo. Kandi muri rusangi, ni ngombwa habeho ibibazongo herekanwa ikintu ciza cane kiri mu muntu. Mu vy'ukuri, ni aho Imana. . . kugiradushike aho twisonzesha, incuro nyinshi, kugira ngo dushobore kugera aho twikuramu nzira. Kandi ndibaza ko Dawidi, igihe yagera kuri urwo rwego, rero yaciyeatangura kuzirikana ku Mwami, yaciye

atangura kwibaza ku bintu.

Incuro nyinshi, Imana ituma tugera mu bi—mu bihe bikomeye, aho dutegerezwa kurabahejuru. Incuro nyinshi, ni ngombwa ndetse kwibona uryanye ku gitanda mu bitaro,cangwa uri ku musego ku bw'indwaram ahantu kanaka, kugira ngo dushobore kurabahejuru, kuraba aho imigisha y'Imana ikomeye ituruka.

10 Rero ijambo nshakakwifashisha ku butumwa bwanje bw'uyu mugoroba, ni ijambo rimwe gusa, ryakuwemuri Bibiliya, kandi riri ku murongo wa 2 "inyota'; ijambo Inyota. Narondeye muri kazinduzi, igihe narondera insobanuro y'iryojambo.

Nariko nibaza ku—ku butumwa, igihe kanaka, navuzeku Kugira inyota y'Ubugingo. Kandi ibi ndetse, nari nabikuye muri Zaburi, igiheDawidi yavuga ati "amabwirizwa Yawe", ndibaza, "afise agaciro cane kuri jewekurusha ubuzima."

Ku bw'ivyo, nafata kandi nkibaza iri jambo"inyota", maze igihe narondera muri kazinduzi kugira ngo mbone ico risobanura.None raba ico kazinduzi yitwa Webster ivuga "Ni icifuza giteye kibabaza",birababaza, iyo wifuje cane ikintu ku buryo bihinduka ikintu kibabaza kuri wewe.

Nyamara, si—si ikintu kidasanzwe, kugira inyota.Inyota ni - ni ikintu gisanzwe. Ni ikintu gusa Imana yaduhaye, kugira ngodushobore, kugira ngo bitange muri twebwe iki - icifuzo ku bw'ikintu kanaka.Rimwe na rimwe, Imana ifise kandi, Yabahaye u—umunara ucunga, ikintu kiriimbere muri mwebwe, gi - gicunga ivyo vyifuzo bitandukanye. Kandi iyo nyota,uwo munara ucunga uri mu mutima w'umuntu, ni ikintu Imana yamuhaye kugira ngo—kugirango kimwereke ivyifuzo bihishura ikintu akeneye kuri we.

11 Yamara, hari ubwoko buburi bw'inyota. Hari inyotay'umubiri. Kandi hari inyota ya mpwemu. Ndashaka gusoma ibi, ico Imana yavuze,kandi.

Umutimawanje unyotewe Imana, Imana nzima. . .

Si ikintu c'akahise, cangwa ikintu coba carabayehashize imyaka myinshi, cangwa - cangwa inkuru y'imigani umuntu yoba yaravuze,ahubwo "y'Imana nzima", Imana ihora ihari. Kandi ni iyo Mana umutima wiwe wari ukeneye, si ikintuc'akahise.

12 Ni ukuvuga ko, tubona ko Imana ibaha uwo munara ucunga,kugira ngo mubone ku bw'ivyo ibintu mukeneye. Nyamara, umunara ucunga uri murimwebwe, ni wo ubayobora. Kandi iyo nyota ica muri uwo munara ucu-. . .umunaraucunga, kandi uyu ubasobanurira ico mukeneye, turavuga mu buryo bwa mpwemu. Umunaraucunga w'umubiri n'uw'umutima ndetse. Hari umunara ucunga mu mubiri,ubasobanurira ico umubiri wanyu ukeneye, igikenewe, kandi mwagihishuriwen'inyota. Hari kandi umunara ucunga mu mutima wanyu, ubasobanurira ibintu vyampwemu mukeneye, ikintu kanaka mu mpwemu yanyu, kandi - kandi ni ku bw'ibimushobora kumenya ubwoko bw'ubuzima bubayobora.

Igihe—igihe mushobora kubona ubwoko bw'ivyifuzomufise, ni gutyo, noneho, mushobora kumenya ubwoko bw'ikintu kiri muri mwebwe,kirema ico cifuzo mufise. Murabona, hari ikintu kanaka mukeneye, kandi ni—kandini ku bwa yo mushobora kumenya icifuzo kiri mu mutima wanyu, ku bw'ubwokobw'inyota mufise. Nishimiye ko mushobora kubitahura.

13 Hari u—umunara ucunga umutima, kandi hari n'uw'umubiri; buri munara ugira akamaro ko kuburira kugira ngo werekane ibikenewe vy'uwundi.Buri umwe usobanura ico uwuhamagara akeneye, urungikaikimenyetso kiburira.

Nk'akarorero, umubiri ufise inyota yo guhazaivyifuzo vy'umubiri, na mpwemu yifuza ibintu biri mu mutima, icifuzo kiri aho,kandi incuro nyinshi bihangana hagati yavyo. Turabona ahari ikibazo gikomeyeuyu munsi, ni uko abantu benshi bagerageza kubaho hagati y'ivyo vyifuzo bibiri.Mu vy'ukuri, kimwe cifuza ibintu vyo kw' isi, mu gihe ikindi cifuza ibintu vy'Ijuru.

14 Nk'uko Paulo yabivuze, yabisobanuye, mu Baroma 7.21"Iyo nshatse gukora iciza, ikibi kikaza imbere." Iyo mugerageje, muramazekubibona, Bakristo? Ni uko, iyo mugerageje gukora ikintu gifise agaciro,mukihatira gukora iciza, rero muzobona wa mubi ari aho, ahantu hose, kugira ngoabateshe umutwe mu bintu vyose mu. . . Kandi ni ikimenyetso ciza, ibi. Ndashakakuvuga ibi, kugira ngo Abakristo babimenye, kandi igihe cose haba hariimbogamizi, kugira ngo zibateshe umutwe, muce mubikora. Ni wa mubi, aho, ariko agerageza kubabuza gukora iciza.

15 Rero, incuro nyinshi, mpura n'abantu bashaka gushuhamu mutwe. Iyo babonye ko bagerageza gukora ikintu kanaka maze—maze inzitizi zikazanana impande zose, baca bavugabati "Kumbure ntivyari ubugombe bw'Umwami." Murabona? Nyamara, ntimuzatume wamubi ababesha gutyo.

Mbere nambere, ni ngombwa kubona nimba ari ubushake bw'Imana cangwa atari bwo. Reroubwo, nimba mushaka kumenya nimba ari ubugombe bw'Imana, murabe muri Bibiliya. Ngicoiki—ikizobashira ku murongo neza, ni Ijambo ry'Imana. Rero aho, nimwabona komukora ivyo bijanye n'Ijambo ry'Imana...

Ni nko kurondera umubatizo wa Mpwemu Yera. Incuro nyinshinahuye n'abantu bavuga bati "Neza, nararondeye Mpwemu Yera, kandi sinashoboyekumuronka. Sinizera ko ari ku bwanje. Igihe cose ntanguye ivyo kumurondera, ncandwara. Iyo ntanguye gusenga, nimba nisonzesheje, ndarwara. Iyo ngeragejekumara ijoro ryose, cangwa kuguma ndi maso, ngira itiro ryinshi cane. Sinshoborakwigira imbere." Mwibuke, ibi, ni wa mubi. Mu vy'ukuri, ni intego y'Imana kouronka Mpwemu Yera. Ni ku muntu wese ashaka.

Incuro nyinshi, muzobona, igihe, mw'ikoraniro, mwakiriyeisengesho ku bwo gukizwa indwara n'Imana, rero, bukeye bwaho, muzobona, atankeka ko wa mubi azakora ibishoboka vyose kugira ngo bibe bibi cane incuro zibirikurusha ejo hashize. Murabona? Mwibuke, ibi, ni Satani muri make agerageza kubajana kurey'umugisha w'Imana ibabikira. Murabona? Ntimuzumvirize uwo muvugwa. Murabona?Mubandanye igihe cose kwiruka mugana ku ntego.

16 Narahuye navyo mu gihe ca vuba, igihe naja muri Afrika.Nimba harigeze habaho igihe umubi yanshiriye ibiti mu mapine, ni mu rugendorwanje ruheruka muri Afrika. Mu nyuma, cabaye kimwe mu bikorane vyiza cane, kimwe mu bihe vyiza cane nigezengira hakurya y'amazi. Nizera ko nashoboye gushitsa ibintu vyinshi mu gihe gitonabaye aho, - ntaharuye urugendo rwanje rwo guhiga, - ntari narigeze nkorambere. Igihe cose nibaza ko amashengero y'aho atanshaka, kandi vyarangiye mvumbuye...Narinakiriye ikete y'umuntu umwe, yavuga ko, yo, batanshaka hariya, ishirahamweryose; kandi navumbuye ko yari umuntu umwe wenyene, hamwen'ikete ry'ishirahamwe, rifise umutwe wavuga uti "Ntitugukeneye." Yashakakwivuga we n'umuryango wiwe. Murabona? Rero, igihe nashikayo...Murabona, ijambo"twebwe", ryari we gusa n'umuryango wiwe, ntibari abantu na gato. Maze rero,nguwo umurima munini wo gukoreramwo utwwugururiwe.

17 Murabona, igihe Pauloyavuga ati "Iyo nshatse gukora iciza, ikibi kintanga imbere."

Umusore yihanye aze ku gicaniro uyu mugoroba,ahantu kanaka, aha muri iki gicaniro canke—canke ahandi mu gihugu; mwibuke neza ibi, ejo, mama azoba afise umujinya cane kurusha ikindi gihe,kubera ko ari Satani, aho, ashaka gutuma muhindukira. Arashaka kubatandukanya n'inzira."Iyo nshatse gukora iciza, ikibi kintanga imbere."

18 Rero turabe inyota, kanditurabe nimba, mu buryo butunganye, inyota, ari ikintu gisanzwe. Abantubarambwiye bati "Ôo, jewe, sinigeze ndayigira. Nizera ko vyahawe gusa abantukanaka kwemera kuba abakristo." Ôo, oya. Ivyo si vyo. Mu vy'ukuri, ni ikintu carusangi ku kiremwa muntu cose. Nta gukekeranya, ni vyo. Igihe twagera muri ikigihugu, aha, mu ntango, twahasanze Abahindi. Kandi Abahindi, nubwo muri icogihe bari abapagani, basenga izuba cangwa ikindi kintu. Mu gihe ari abantu,hari ikintu muri bo, inyota isanzwe, ihamagara Imana, ahantu kanaka.

19 Imbere mw' ishamba ry'inzitane, aho, ubushize, ku bilometero birenga 700kure y'ahaba abantu, mu kigwati gito gifise hafi ibihumbi bitatu vy'abantu, iBeira, muri Mozambique. Twahabonye abanyagihugu b'abasangawabutaka batari banafisendetse. . . ntibari barigeze babona Umuzungu. Narahabonye umunyagihuguw'umusangwabutaka, nta mpuzu n'imwe yari yambaye (mu vy'ukuri nta n'umwe muribo yambara impuzu), kandi yari yicaye hejuru y'igiti. Nariko ndakurikirana ahointare yaciye, kandi hari. . numvise akaruru kasa nk'ak'ikiremwa muntu. Uwomukobwa w'umusangwabutaka akiri muto aho hejuru, yavugije akaruru, yari afiseumwana mu maboko. Kandi icamuteye ubwoba. . . Ubwirinzi bwiwe bwonyene bwokurwanya intare, ingwe, cangwa ikindi kintu, ikindi gikoko, ni ukurira igiti.Yarambonye, yumvise ijwi rw'ikiremwa muntu, ariko igihe yaraba, kandi akabonaUmuzungu! Ntiyari yarigeze amubona, ubuzima bwiwe bwose, murabona, maze yagizeubwoba. Murabona?

Ariko igihe babonye ko abo bantu, ndetse muri iyomiterere ya kera, barasenga. Imbere yuko bahamagara intare, basesa ifuy'ibigori (ni vyo barya) ku rupapuro ruto, bakoma amashi, maze bagahamagaraimpwemu y'ikintu kanaka gikomeye ahantu kanaka, ntibari bazi aho (nk'umutwarew'umutagatifu, cangwa ikintu c'ubwo bwoko, ku bakatolika), kugira ngo uyuabarinde, kugira ngo ntibapfe mu gihe iyo ntare yaba ibaziye.

20 Murabona, ni ikintugisanzwe. Si ikintu kidasanzwe kugira inyota y'Imana. Ni ikintu gisanzwe. Niikintu kanaka muri make mwategerezwa gukora. Imana yabaremye gutyo. Kandi si ikintukiri hejuru y'umuntu, mu vy'ukuri ni rusangi ku kiremwa muntu cose. Ntibigenewegusa abantu kanaka.

Baravuga bati "Neza, narabonye abantu babayehoubuzima bw'intsinzi cane, ku buryo bari hejuru mu buryo buhoraho, bahimbazaImana. Mbega ukuntu nshaka kwiyumva gutyo." Rero, nimba mufise uwo mutima, niukubera inyota iri muri mwebwe. Kandi muri make ni ikintu gisanzwe. Biri muriburi muntu, kugira inyota y'Imana.

21 Rero tugiye gufata zimwemuri zo, mu bisanzwe. Mbere na mbere, hari inyota. Dufate, nk'akarorero, inyotay'amazi. Nk'uko Dawidi yabivuze, aha, inyota, "amazi". Iyo dufise inyota, niuko umubiri ukeneye amazi. Kandi utamaze iyo nyota, urapfa. Uragwa umwumwa,kandi nti—ntubandanya kubaho. Nimba udashobora kuronka amazi ngo wice iyonyota, kugira ngo wice iyo nyota y'umubiri usanzwe, ntutebagana

guhwera.Ntuguma uriho igihe kirekire. Urashobora kubaho igihe kirekire ata vyo kurya,kurusha uko wobishobora ata mazi. Mu vy'ukuri, ushobora kwisonzesha iminsimirongo ine (Yesu yarabikoze), ndibaza, ata vyo kurya, ariko ntiwoshoborakumara igihe kirekire ata mazi. Wogira umwumwa, muri make, kandi woca uhwera.Utegerezwa kugira amazi. Kandi ni uko kumva inyota mwumva, maze, ni ukuvuga koumubiri ukeneye ikintu kanaka, kugira ngo kiwufashe kuguma uriho. Umubiri muburyo ntabanduka utegerezwa kugira amazi, kugira ngo ugume uriho. Mugizwe namirongo umunani n'ibindi kw' ijana vy'amazi na peteroli, mu buryo bwose; mutegerezwa kumira ivyo bintu, kugira ngo mugume muriho. Nk'uko nabivuze,nimwafata minenerwe kubikora, murapfa.

Inyota, na yo ni inzogera ikangura. Ni inzogera, uko kumva inyota. Umutima ukoma imbarutsoy'inzogera, ikimenyetso gito kiburira imbere muri mwebwe, kibamenyesha kourupfu ruriko rurazunguruka rufise umugambi mubi, ko nimutaronka amazi vubacane, mutegerezwa gupfa. Kandi ijwi riragenda rigira inkomezi cane, kugeza ahomu nyuma, nimwaguma mwigizayo ico kintu cane, muruhira gupfa, kubera koari inzogera.

22 Nk'uko Dawidi yabisobanuye, aha, muri Zaburi"Nk'uko impongo ihuzagizwa no kwifuza imigezi, ni ko umutima wanje uhuzagizwa wifuzaImana." Nk'uko impongo ihuzagizwa yifuza amazi!

Mu gusoma uyu murongo wa Dawidi, nakunze kwibazakuri ibi. Dawidi yari umuntu wo mu mashamba, umuhigi. Kandi, mu bisanzwe,yahiga impongo. Kandi benshi muri twebwe, mu minsi yacu, turayihi. Impongo niifumberi.

Kandi turabona, nimba mwarabonye imbwa, imbwa zomw'ishamba , zirafata impongo. Muri rusangi, zifise amabwena nk'ay'igikokocitwa koyote. Kandi iyo mbwa irashobora gufata impongo, neza hejuru y'ugutwi,mu biti, aha, kandi ikayikubita hasi. Ikata umuhogo w'impongo, rero uwo mwanya,impongo ntiba igifise amahirwe namwe yo kuhivana. Ariko rimwe na rimwe, imbwa,nk'akarorero, muri Afrika, aho, imbwa yo mw'ishamba irafata impongo mu rubavu,idashoboye kuyifata ku muhogo. Incuro ya kabiri, ifata urubavu. Rero iyoimpongo ifise inguvu cane kandi ikitabara vuba, irashobora gucika iyo mbwa.

23 Impongo irihuta cane. Imbwa iyifata iyo itaraba, iyoiri mu muyaga ugereranije na yo, kandi—kandi ikaba itazi ko imbwa iyegereye.

Rero aho, iyo imbwa yo mw'ishamba iyifashe, iyoirwanye vuba cane, irashobora kwivana muri uwo mutego. Hanyuma, ariko iyo imbwairekuye urubavu, iba ifise igice kinini c'inyama y'impongo mu kanwa kayo. Cankeiyo iyifashe ku muhogo, rimwe na rimwe, iracacura hafi y'umutsi wo ku muhogomaze igaca ku ruhande. Kandi impongo, mu kuyihunga, ishikuza igice kinini c'inyamay'umuhogo w'impongo, kandi aho amaraso aca atangura gutemba.

Maze ubwo, imbwa uwo mwanya ica ihita yihutiragukurikirana iyo mpongo, ikurikira inzira y'ayo maraso. Hanyuma mu gihe ubuzimabugenda busiga iyo mpongo, - amaraso nk'umugezi ukwirakwiza ubuzima mu mubiri,- mu gihe ubu buzima bugenda buyisiga, iyo mpongo ica icika intege. Maze aho,imbwa, cangwa ibingira, biba biri inyuma y'iyo mpongo.

Rero, iyo iyo mpongo idashoboye kuronka amazi! Nyamara,hari ikintu kanaka mu mazi, gituma, igihe impongo inyoye amazi, ihagarika kuvaamaraso. Ariko iyo idafise amazi ngo igabanye ubushuhe bwayo, maze amarasoagenda arushiriza gutemba cane, kubera ko mu kwiruka, ituma umutima wayo uteracane. Ariko iyo ishoboye kugera ku mazi, impongo irarokoka.

24 Rero, hari icigwa gikomeye twokura kuri ivyo,murabona, Dawidi yavuga aha ati "Nk'uko impongo ihuzagizwa yifuza amazi, ni koumutima wanje uhuzagizwa no kukwifuza Mana."

Rero, iyo Mpongo, iba izi ko itaronse amazi, ibaipfuye. Muri make ntishobora kuhava ari nzima. Incuro nyinshi vyarambayeko konkurikira inzira zazo, inyuma yuko zimaze gukomereka. Iyo ibonye umugezi,irawujabuka maze ikawunywako amazi, mu nyuma ikaduga ku musozi; ikongera ikagaruka, ikajabuka, ikanywa amazi make, ikongera ikaduga.Ntuzigera uyifata, igihe cose izokurikira uwo mugezi. Ariko igihe ivuye kuriuwo mugezi, aho rero, nitashobora kuronka uwundi mugezi ahantu kanaka,ntimuzoteba kuyifata. Kandi impongo, irabizi, ibi, ni yo mpamvuitegerezwakuguma hafi y'amazi, kugira ngo ishobore kujayo yihuta. Murashoborakwibaza impongo yorarika izuru mu kirere, iri ahantu kanaka hatari amazi?

25 Aravuga ati "Nk'uko impongoigira inyota, cangwa ihuzagizwa (ari vyo nyota) ishaka amazi, umutima wanjeukugirira inyota, Ô Mana. Nintakubona, Mwami, nzopfa. Si—si—sinzoshoborakubandanya, nintakubona!" Kandi, igihe umugabo cangwa umugore, umuhungu cangwaumukobwa, yumvise ubu bwoko bw'inyota aho ku Mana, azobona ikintu kanaka. Murabona?

Ariko,iyo tubandanije gato kugeza muri kimwe ca kabiri "Neza, nzopfukama maze ndabe icoUmwami azokora." Murabona, mu vy'ukuri nturagira inyota. Ni ngombwa ko bibainyota, ikibazo c'urupfu cangwa Ubugingo, kandi aho hazoba ikintu kanaka.

26 Impongo, aho, ndetse, iza.. . Turabona ko ndetse ifise iyindi nyumviro, yo kumoterwa, ishiraho imbarutsoy'imburi muri yo mu gihe umwansi wayo yegereje. Ico gikoko gito, gifise muri coinyumviro iyifasha kwirinda. Kandi ifise imburi ntoya ikangura muri yo, ikintugito, ikoresha izuru igihe umwansi yegereje. Iyo muri mu muyaga ugereranijen'umwansi, iramenya ko muri aho, aho rero ica ihava yihuta. Rimwe na rimwe, kuntera n'iy'imetero majana umunani, irakumoterwa, wewe, cangwa ibingira, cangwaikintu ico ari co cose kibi, maze ikarokoka. Ifise ubushobozi bwo kuvyumva,kubera ko ari ko iremwe. Ni impongo, muri kamere. Kandi iyo nyumviro ifise muriyo, muri make ni imwe mu myumviro Imana yayihaye, kugira ngo iyifashe kugumairiho.

27 Rero naribajije, narikongereranya impongo n'umuntu afise inyota y'Imana. Imbere yuko umwansi ahagera; hari ikintu mu mwana w'Imana, iyo mwavyawe na Mpwemu w'Imana, mwakiriyeumubatizo wa Mpwemu Yera, hari ikintu kanaka mu muntu gishobora kumva koumwansi ahari. Mufate, nk'akarorero, umuntu, igihe afashe Ivyanditswe, agasomaIvyanditswe, kandi akagerageza kwinjiza kuri uwo murongo w'Ivyanditswe ikintugitandukanye n'Ivyanditswe, umuntu yuzuye Mpwemu Yera ashobora [Mwene DataBranham augije intoke ziwe -Umw.] kuvyumva uwo mwanya. Hari ikintu kigabisha. Iyoageze ahantu kanaka, maze, iyo nyumviro nto yihariye cane mufise muri mwebwe,itabara kugira ngo irinde ubuzima bwanyu. Ntimutegerezwa, ntimutegerezwa narimwe kwemera ikintu cose, nimba atari neza cane Ijambo ry'Imana. Mutegerezwaguhagarara mu buryo bushikamye cane kuri iryo Jambo. Kandi, rero, turindwan'iyo nyumviro, igihe turi muri Mpwemu Yera.

28 Murashobora gutanguragusoma, tuvuge, nk'akarorero, umuntu avuga ati, ndasoma muri Mariko 16, hanyumankavuga nti "Ng'ibi ibitangaza bizoherekeza abazizera: Mw'Izina Ryanje,bazosenda abadayimoni; bazovuga indimi nsha; nibafata inzoka, cangwa bakanywa ikintu cica, ivyo nta kintu bizobagira; nibarambika ibiganza ku barwaye, abo bazokira."

Rero, mu nyuma, mwobona umuntu aduga aho hejurumaze akavuga ati "Neza, ibi, vyari ivy'igihe c'intumwa." Ibi, uwo mwanya, aho,nimba mwarakiriye Mpwemu Yera, mwakiriye iyo nyumviro, - birabishira mu kibanzaneza. Hari ikintu kitari co, aho. Murabona? Bagerageza kubisigura kugira ngobake agaciro ico kintu, bavuga ko vyari ivy'ikindi gihe, ko ivyo bintu, mu vy'ukuri,tutakibikeneye uyu munsi. Ariko Yesu yavuze ati "Ng'ibi ibimenyetso bizoherekezaabazizera." Murabona, nimba hari ikintu gito kanaka kivuga muri mwe,ikimenyetso gito kiburira, kibamenyesha ko atari vyo kandi ko ari inziray'urupfu.

29 Mu vy'ukuri, Yesu yavuze ko"nitwongera ijambo rimwe gusa kuri Ibi, cangwa tugakurako Ijambo rimwe gusa,umugabane wacu uzokurwa mu Gitabo c'Ubugingo". Murabona, nta n'umurongo n'umwew'Ivyanditswe. Dutegerezwa kuwufata neza nk'uko Wanditse. Imana irinda IjamboRyayo, kugira ngo irishitse, kandi turazi ko mu nkomezi Ari ukuri koko.

Rero, ku bw'iyo mpamvu, icoishengero rishobora kuvuga, ico uwundi muntu wese ashobora kuvuga, nimbamwaravyawe na Mpwemu w'Imana, muhinduka igice ca Bibiliya. Imana yabwiyeEzekiyeli iti, umuhanuzi. Iravuga iti "Fata umuzingo uwurye", maze aho umuhanuzin'umuzingo bahinditse ibice vy'umwe ku wundi. Kandi ni co kimwe no ku w'umwizera,iyo yakiriye Mpwemu Yera; Mpwemu Yera yanditseBibiliya, kandi Mpwemu w'Imana ni Ijambo ry'Imana. "Amajambo Yanje ni Mpwemu.Ubwa mbere na mbere yari Jambo, kandi Jambo yari kumwe n'Imana, kandi Jamboyari Imana. Kandi Jambo yambaye umubiri, maze abana na twe." Abaheburayo 13.8"Uko Yari ari ejo, ni ko Ari uyu munsi n'ibihe vyose." Iyo muri igice c'iriJambo, oh, rero, ikintu gitandukanye n'iryo Jambo kikaza, [Mwene Data Branhamavugije intoke ziwe incuro nyinshi. -Umw.] ivyo bikabura uwo mwanya ikimenyetsogito kiburira. Murabona, ni ukugira ngo kibaburire ko urupfu rubegereye.Ntidukwiye na rimwe kubikora.

Izo nyota ni izisanzwe muri make. Zirasanzwe kuMukristo. Zirasanzwe ku kiremwa-muntu.

30 Hari kandi inyota yo kwamamara. Abantu benshi uyumunsi, amashure twiga ku bw'iyo nyota! Tumaze kubona ko, ari ugusubira, murikaminuza. Kandi tugiyeyo, batakaza ibihumbi vy'amadolari kugira ngo barungikeabana babo kw' ishure, kandi muri za kaminuza n'amashuri yisumbuye, n'ibindi vyose,kugira ngo ahakure inyigisho, "kugira ngo uroranirwe", nk'uko bavuga, "mubuzima". Ariko, rero, sindabirwanya, aho, nta kintu kibi kuri ivyo. Ariko, ukondavyumva, nubwo mwokwiga inyigisho zose z'isi, igihe cose ntimuzoronkaintsinzi y'ukuri. Ni vyo. Mu vy'ukuri, bizoborohereza ibintu aha gusa gato, mugihe gito. Kandi hari. . . Ariko, iyo mupfuye, ibi vyose mubisiga inyuma yanyu,hamwe n'iyo mikorere yose y'ubutunzi dufise.

31 Ni co nariko ndavuga, ejobundi, i Phoenix. Birakwiye kongera kuvugwa na none "Iyi mibereho yoseigezweho, intunganyo z'ivy'inyigisho zose, intunganyo z'ubumenyi zose, ibi vyose,bitandukanye n'ijambo ry'Imana n'ubugombe Bwayo." Imibereho, mu buryontabanduka ni. . . Ntihazongera na rimwe kubaho imibereho nk'iyi mw' isiy'igihe kizoza. Iyi mibereho ni imibereho icuramye. Imibereho ya mbere Imanayagize kw' isi, ni igihe Yavuga Amajambo Yayo, kandi akagaragara, buri rubutorwame bijanye n'ubwoko bwarwo, kandi muri iyo mibereho, urupfu, indwaran'agahinda ntivyabaho. Rero ubu, dukoresha ibintu vy'ubumenyi bw'isi, vyashizweaha kugira ngo bigume bibihuze, kandi tukabicurika kugira ngo bitange ikintu kanaka,kandi ikivamwo, ni urupfu.

Nk'akarorero, bombe ruhonyanganda. Sinzi ukuntuivyo bintu bikorwa, ariko - birashoboka ko nobivuga uko bigenda - bafataudusyasya twa uraniyumu kugira ngo bakuremwo molekire, maze molekire ikavamwouduce duto bita atome. None ni iki bitanga, ico gihe? Bihonya ibintu vyosegusa, urvbye, birasambura gusa. Ivyo dukora vyose!

32 Dufata umuti, tukongerakoiki kintu na kiriya kintu, kugira ngo dukize ikintu kanaka, maze tukabimira.Hanyuma ni iki dukora? Twonona ahandi hantu.

Rero, ndibaza ko musoma, ko mwasomye ikinyamakuruReaders Digest c'ukwezi guheruka, aho bavuga bati "Muri iki gihe turimwo muriiki gihe, abagabo bakiri bato n'abagore bakiri bato bagera mu kigero gikuzehagati y'imyaka mirongo ibiri na mirongo ibiri n'itanu". Muvyibazeko. Abakobwabakiri bato batangura guca, ku myaka mirongo ibiri, mirongo ibiri n'ibiri,mirongo ibiri n'itatu, bagera ku myaka yo kuba abakuze. Murabona, icatanze ibi,ni ibifungurwa vy'ibibangurirano, kandi ivyo bintu, ivyo turya. Murabona, ni ivyobintu, ibiryo n'u - ubuzima tubayemwo. Abantu bize ivy'ubumenyi baduhaye ibi vyose,kandi ni gurtyo bariko baratwica.

Nagiye muri Afrika, kandi aho narabonye abagabobakiri bato batari barigeze bafata umuti n'umwe mu buzima bwabo. Barya inyamazari zifise utunyo. Banywa kw' iriba, dukurikije uko risa, ryokwica ikimasa. Nararasaku ntera metero 180, kandi sinabona intego, hamwe n'idarubini ibona kure. Mazeumugabo w'ikigero canje yari aho, yarambwira n'aho nagemye ku jisho ku masogusa. Rero, nimba uyu muco wose ugezweho waratanze ikintu kanaka... Jewe,ndabona ko iyo nza kugira amaso n'umushishito vy'uwo mugabo, mba ndi umuntuameze neza cane. Ego.

Ariko ngivyo, murabona, ibi ni vyo bumenyi,amashure, imibereho, biratwica. Turiyica. Vyatanguriye mw'itongo rya Edeni,kandi birabandanya uyu munsi. Ariko, inyota yo kwamamara!

Rero inyuma, tugira inyota yo kuba mu gikorwa cogusangira. Tugiye, turashaka kuba mu gusangira.

33 Ni nk'umugabo akiri muton'umugore akiri muto. Rero, si ivy'ubusa, cangwa si (nshaka kuvuga) ikintukidasanzwe ku mugabo akiri muto n'umugore akiri muto gu - gukundana. Ni inyotay'urukundo. Ni ivy'imyaka yabo, kandi ba - barakundana. Kandi si ikintukidasanzwe, muri make ni ikintu gisanzwe kuri bo.

Rero, turabona ko hari ibintu vyinshi, mu buzimatubayemwo muri uyu mubiri usanzwe, dufitiye inyota. Muri make ni ikintu kiriaho, imbere muri twebwe. Dushaka gukora ivyo bintu, tubona mu vy'ukuri ko aringombwa. Kandi mu vy'ukuri ni ngombwa ko tubikora.

Turabona ko hari abagore benshi, mu minsi yacu,bafise inyota y'ubwiza. Nyamara, nta mugore n'umwe...Ni ikintu gisanzwe kumugore kugira inyota yo kuba mwiza. Ibi, ni—ni kamere yiwe, Imana yamuhaye,kandi - kandi ubwiza bwiwe Imana yamuhaye ku bwo kumuherekeza. Rero aho,turabona ko abagore bashaka kumera gurtyo. Kubera iki none? Muri make ni kuberako ari ikintu Imana yamuhaye. Kuba beza kw'abagore, nta kintu kibi kibirimwo. Niko bategerezwa kumera.

34 Kandi, murazi, ibiremwabimwe gusa aho - aho ikigore ari ciza cane kurusha ikigabo, ni mu bwokobw'abantu. Ibikoko vyose, mufate inka n'ikimasa, impongokazi n'impongo,inkokokazi n'isake, inyoni y'ikigore n'inyoni y'ikigabo, muzobona igihe cose koikigabo ari kinini cane kandi ari ciza. Ariko, mu bwoko bw'abantu, ikimenyetsoko ari aho hari ukuyoba, ni ikinyurane; ni abagore, rero, beza, kandibafise inyota yo kuba beza.

Si nka bimwe muri ivyo biremwa bidasanzwe tubonamw'ibarabara uyu munsi; oya, oya, si ubwo bwokobw'ubwiza aho. Oya. Ibi, ni ibirori biteye ubwoba cane nigeze mbona mu buzimabwanje. Ego mushingantahe. Ibi, ni ubuyobe, ni ugucurika inyota y'ukuri.

35 Yamara, inyota y'ukuriumugore yategerezwa kugira, yotegerejwe "kwambara mu buryo bwikwije, kandiakagira impwemu isa n'iyari muri Kristo", I Timoteyo 2.9. Rero, umugore, niukuba gurtya yategerezwa kugirira inyota. Rero, nimba mushaka kuba beza, ni ibibigize ubwiza bwanyu, murabona, ni impwemu isa n'iyari muri Kristo, no kwambaramu buryo bwikwije.

Ôo! Bagenzi. Hari muri abobantu tubona mu nzira uyu munsi! Ntidushobora gutandukanya umugabo n'umugore,kandi ni—ni ikintu giteye ubwoba cane kubona ko mushobora. . . sinoshobora, ni...Sinigeze na rimwe mbona ikintu gisa nk'ico, bisa ku kiremwa muntu. Birenzeurwego rw'umuntu. Amaso asize yose, kugeza hejuru cane, gutyo, kandi, murazi,ayo maso atangaje y'umuserebanyi n'izo nyambaro zose zitangaje. Kandi, ariko,ndetse si...vyaratakaje kamere cane, ntibanasa ndetse n'ikiremwa muntu. Kandi abobantu bakiri bato, aha, imishatsi yagaruwe ku gahanga, ni ubuyobe bwuzuye! Ni vyo. Ni Satani, kandi Satani ni umwononyi.

36 Igihe Imana yarema ibintuvyose, mw'itongo rya Edeni, vyari vyiza cane, mu nyuma Satani yaraje mazearayovya. Satani ntashobora kurema ikintu ico ari co cose. Hari Umuremyi umwe gusa,ni Imana. Ariko Satani ayovya ikiremwa c'inkomoko. None raba yatanguye (ni kuriibi nshaka kuvuga uyu mugoroba) kuyovya ikiremwa c'inkomoko, inyota.

Rero, umugore, nk'uko nariko ndabivuga, arashakakuba mwiza. Hari ikintu muri we, ni umugore kandi afise ico cifuzo.

Ariko, nk'uko ari abo mw'ibarabara, uyu munsi,hamwe n'imishatsi imoye nk'abagabo, bambaye impuzu z'abagabo; rero mu nyuma abagabo nabo bagakora igihushane, ngabo bambaye impuzuy'umugore, bafise insokozo y'imishatsi nk'iy'abagore. Murabona, ni ubuyobe, vyose barabicuritse! Ibifungurwavyanyu biracuritse. Ubuzima bwanyu buracuritse. Inyota yanyu, iracuritse.Icifuzo canyu kiracuritse. Ni umunsi w'ubuyobe!

37 Ubuheruka, aha, navuze kuri Edeni ya Satani. Imanayakoresheje imyaka ibihumbi bitandatu, kugira ngo ikore Edeni itunganye. Sataniyaraje, acucagira izo mbuto maze arazihindura. Hanyuma, ku mpera y'imyakaibihumbi bitandatu vyayo kuri yo, ifise Edeni yayo ivuye mu bumenyi, vyoseyabizanye mu buyobe bw'iciza.

Kandi iki gihe ni ico kubangurira, kubangurira.Raba ndetse n'amashengero, uyu munsi, arabanguriye. Ni vyo. Baja aho, bishimirakuja ku rusengero, ni ishirahamwe aho kuba ishengero. Ishengero, ni ahantuabantu bakoranira maze bagasenga Imana mu Mpwemu no mu Kuri. Uyu munsi, niishirahamwe. Baja aho bakahamara umwanya muto, guhana amaboko maze bagakoraubucuti bwa kivandimwe, hari ikahwa yirabura imbere muri, maze mu nyumabagataha muhira kugeza ku w'iyinga utaha, twakoze inshingano zacu zo gusenga.

Iki gihe ni igihe cayovye. Kandi Satani ayovya izonyota Imana yashize muri mwebwe kugira ngo ibateze inyota. Satani iraziyovya.Nyamara, nimba mushaka kumenya iciza, ubuyobe. . .

38 Niba mwebwe, bagore, mushaka kuba beza, mufateITimoteyo 2.9: ni ukwa “kwambara mu buryo - mu buryo bwikwije, hamwe n'impwemuisa n'iya Kristo, badahugumba, bubaha abagabo babo”, n'ibindi vyose. Ni ibimwategerezwa kwambara, ubuzima mubayeho.

Yonona kamere y'ukuri y'Imana, n'inyota y'ukuriy'Imana, y'umubiri n'umutima, ku bwo kwifuza kw'icaha. Icaha, ubuyobe! Rero,tubona, umuntu, uyu munsi, uburyo bafashwe muri ubwo buyobe. Inyota y'Imana,inyota yo kuba mwiza, n'izo nyota zose, iy'amazi, barayihinduye, bayishe mukunywa ibiboreza. Inyota y'umunezero, isi yose irashaka umunezero; inyota yokuba mu gikorwa co gusangira; izo nyota zose zikomeye Imana yashize muri twebwe,kugira ngo tugire inyota Yayo. Imana yabaremye mu buryo muyigirira inyota, rerotugashaka gushira inyota mu bundi bwoko bw'inyota, mu bundi bwoko bw'ubuyobebw'inyota y'ukuri. Murabona ukuntu biba mu bisanzwe? Turibaza ko, nimba turiabayoboke b'ishengero, vyararangiye, ni co dutegerezwa gukora gusa. Rero, ibi,ni ikinyoma mu buryo bwuzuye. Oya.

Imana irashaka ko muyigirira inyota! “Nk'uko impongo ihuzagizwa yifuza amazi, ni ko umutimawanje uhuzagizwa no kukwifuza, Mana.” Murabona? Murabona?

39 Rero, iyo mpongo, iyo ihuzagizwa ishaka amazi, ni ikicoba iyo hagira umuntu aza, rero, iyindi mpongo, mugenzi wayo, na yo ikaza ahokandi ikavuga iti “Vuga rero, ngiye kukubwira ico ushobora gukora. Ndazi ahantuhari iriba ryuzuye icondo, aha.” Rero, impongo, ntiyvyemera. Ntivyoyigiriraneza na gato.

Kandi nta kintu coshobora kwica iyo nyota iri mukiremwa muntu, igihe cose Imana itarinjira muri we. Abwirizwa kuyakira, nibaatari ivyo ni urupfu. Kandi nta muntu afise uburenganzira bwo kugeragezagucecekesha cangwa kwica n'ibintu vy'isi iyo nyota yera iri muri we. Oyamushingantahe. Ni ikimenyetso canduye nko gukora ivyo. Nimba mufise inyotay'Imana, ntimuzohe ukuboko umuvugabutumwa kandi ngo mushire izina ryanyu mugitabo. Nimba mufise inyota y'Imana, hari ikintu kimwe gusa gishobora kwica iyonyota, ni uguhura n'Imana. Nimba mufise inyota y'Imana, ni uburyo bumwe gusa,bwo guhura na Yo, ni co gikwiye gukorwa.

40 Rero mu nyuma, hari ikibazo gikomeye, kandi,nimutitondera ivyo mukora, mu gihe kanaka. Nimba mufise inyota y'Imana, mumenyeko ari Imana muzoronka. Murabona, mumenye ko ari inyota yanyu yishwe. Ariko nimbaSatani yarashoboye kubayovya, kubahindukiza kuri uko kuryoherwa gusanzwe, - nico azokora nimba abishobora, - azo - azatuma muri make mugerageza kuronkagushira inyota.

Umuntu azoja, ni iki gituma umuntu aborerwa? Niukubera ko afise impungenge kandi ahangayitse cane. Abuze ikintu kanaka.

41 Nari ndi mu bitaro vyitwa Mayo, aha, nta gihekirekire gishize, kandi nari aho ku bw'ikiganiro. Hanyuma ubwo, bvaravuzwe,aho, twariko tuvuga ku gikorwa co kunywa, kandi nababwiye ko data yanywa.

Yaravuze ati‟Ni igiki catuma anywa ? »

Mvuga nti,« Sinzi. »

Aca avuga ko « ari kubera hari ikintu kanaka(we) kitamuhaza, kandi yibaza ko mu kunywa, yashobora kucirukana mu vyiyumviro vyiwe.‟

Naciye ntahura uwo mwanya, murabona. Mu vy'ukuriyari Imana, yonyene gusa ishobora kumara iyo nyota. Yo gusa ishobora kwica iyonyota y'umuntu, ni Imana Ubwayo, kwemera Imana.

42 Yamara, Satani yafashe ivyo bintu, nk'uko narikondabivuga, kandi yarabiyobeje. Rero, nimba mwebwe. . . Nimba mudashaka guha iyonyota umwanya itegerezwa kugira mu buzima bwanyu, kandi mukaba mudashaka kugirainyota no gufata ibintu Imana yatanze kugira ngo yice iyo nyota, kugira ngoiyice, maze Satani azobayobora abajana muri ivyo bidengeri vy'ivyondo, vy'iyisi. Mutegerezwa kuronka ahantu kanaka. Nimutashobora kuronka ivyo kurya, muzoriramu kimoteri. Murabona? Kandi nimba mudashobora kuronka amazi, kandi mukaba murikomuracikana, muzonywa kw' iriba kanaka, kubera ko muriko murahona.

Ariko nta mpamvu n'imwe yo kugera aho, igihe mufiseinyota y'Imana, kubera ko Imana ari Imana nzima, si ikintu c'akahise. “Umutimawanje ufise inyota yawe, y'Imana nzima”, Ikintu gitanga amazi y'ubugingo,Ikintu kimara inyota.

43 Hariho iyindi kamere, ikintu gisanzwe, inyota murimake isanzwe, ni iyo nyota y'umutima. Mwovuga muti “Mwene Data Branham, iyonyota y'umutima, mbega ni ikintu gisanzwe?” Ego, ni ikintu gisanzwe, mu mutima,kugira inyota. Kandi ni Imana, mu vy'ukuri yabikoze gutyo. Ntiyari itegetswekubakora gutyo, ariko ni co Yakoze. Kandi iyo Itaza kubakora gutyo, ku buryomugira inyota, mwogize ivyitwazo muri Sentare y'Urubanza, mukavuga muti “Si—sinigezena rimwe ngira inyota y'Imana.” Ariko, nta rwitwazo na rumwe mufise, iyo nyotairi muri mwebwe. Muzoyimarira ku kintu kanaka; muzoyimarira kumbure ku mugorewanyu, muzoyimarira kumbure ku muduga wanyu, muzoyimarira kumbure ku kindikintu, muzoja kumbure ku rusengero kugira ngo mugerageze kuyica. Sindwanya kujaku rusengero, ariko gushira inyota ntibiri hariya. Ni ukuronka Imana, Imananzima, Imana yo mw' Ijuru, imbere mu mutima wanyu, kugira ngo muhaze ico cifuzogikomeye n'iyo nyota, ico mwifuza.

Yamara, mu vy'ukuri, Yabaremye mu buryo muyigirirainyota, kuba mw'isangira na Yo. Nyamara, hariho inyota y'umwimerere yogusangira. Rero, turakunda guhura. Ni co dukora uyu mugoroba. Duhurira aha uyumugoroba, kubera ko dukunda gusangira bamwe ku bandi. Kubera iki tubikora?Kubera ko hari ikintu muri twebwe, gituma dushaka guhura. Muri make birasanzwe.Kandi, ubu, dufise ikintu duhuriyeko kidutera inkomezi zo guhurira aha, ni ukotwese dufise inyota y'Imana. Murabona? Kandi rero, duhurira aha mu buryobuhoraho, kubera ico kintu duhuriyeko, kugira ngo dusangire. Muri iri shengero,uyu mugoroba, vyoshoboka ko hababaho ivyiyumviro vyinshi vy'idini bitandukanye,n'ibindi vyose; ariko, kuko dufise iyo nyota, dushobora guhura hamwe n'ikintuduhuriyeko hagati yacu, iki kintu: twese dufise inyota. Bamwe bashobora kwizerako ari ngombwa gusukwako utuzi, uwundi ko ari ngombwa kubatizwa (kwibizwa), uwundiko ari ngombwa gusuka amazi, cangwa n'ubundi; ariko ku bijanye n'inyotay'Imana, tuza dufise ikintu duhuriyeko hagati yacu. Kandi Imana yadukoze kuburyo tubigira, ku buryo tugira inyota Yayo kandi tukaba mw'isangira hamwe naYo. Nta kintu nzi. . .

44 Igihe nari nkiri umuhungu muto, ndibuka, nakuriyemu muryango ukenye cane. Kandi ndibuka incuro nyinshi aho nasohokana n'abasore.Sinashobora kwambara neza cane kugira ngo nsohekere ahantu hakwiriye. Ariko, sinzi,hari ikintu kanaka ku bantu, ndabakunda. Ndakunda kuba ndi kumwe nabo. Arikonari ndi uravye ico bita intama yirabura. Kandi igihe nakizwa, kandi nkakiramuri jewe ico Kintu nari mfitiye inyota, Umugenzi, Umuntu yoba umugenzi kuri jewe,Umuntu nshobora kugirira icizere, Umuntu dushobora kwicarana kandi tukaganiraku bibazo. Kandi igihe. . . naronse uko, uko gushira inyota nyakuri, igihenaronka Yesu Kristo, Uwumara inyota mu vy'ukuri, mu kuri, akuraho vyose-vyose.. . amara iyo nyota yose, kandi abaha Ikintu, ni ko bimeze, mu vy'ukuri, ntakintu coshobora kumusubirira.

45 Rero ubu, ni kangahe Satani ashaka kuyovya ukogushira inyota k'umutima, iyo nyota y'umutima! Satani ashaka kubaha ivyoashoboye vyose kugira ngo iyice. Kandi ni umubeshi cane muri iyi minsiy'ubuyobe. Iyi si ni isi yayovye. Ni ubwoko bwayovye. Ni abantu bayovye. Vyosevyarayovye. Kandi ubuyobe bwagiye buba uko ibihe vyagiye bikurikirana ku buryoturi ubu mu gihe c'uruhendo cane aho ata kiremwa muntu na kimwe cigeze kibaahantu nk'aho.

Rero, ntimushobora mu vy'ukuri—ntimushobora mu vy'ukurikwibaza urwego rw'ububeshi iki gihugu cayovyeho, ndetse no kuri bene Data, niukuvuga ubwoko bw'Abanyamerika.

46 Hashize igihe kanaka, nariko mvuga...Nari mw'ishamba, hashize amayinga kanaka, aho nabonye i - ipaki ivamwo itabi hasi, mw'ishamba. Kandi ahohejuru, haravuga hati “Akayungira k'umuntu yiyumvira.” Narongeye ndahindukiranja mu kindi cerekezo c'inzira mw' ishamba, maze ndongera ngaruka ku ntambwezanje; naguma mvyibuka “Akayungira k'umuntu yiyumvira,uburyohe bw'umuntu anywa itabi.”

Maze ubwo, naragiye mw'Ihayanisha Mpuzamakungu,hashize imyaka; muravyibuka, hari Yul Brynnern'abandi, bari aho, mu gihe bagira ivyo berekana kw'itabi. Kandi aho, bashizeumwotsi ku gice c'ibuye bita marubre,kandi bakoresheje agapampa gato basukuza mu matwi, bayoye nikotine yari hejuru,baraheza bayishira ku mugongo w'imbeba. Mu gihe c'iminsi indwi, yariyashwanyaguwe cane na kanseri ku buryo itashobora no guhaguruka. Murabona,itabi rimwe gusa! Maze mu nyuma, berekanye ikiba iyo biri mw'ihaha ry'umuntu. Bamwebaravuga bati “Simira umwotsi. Umwotsi ndawurekera mu kanwa.”

Berekanye ko bijamu mate, maze mu nyuma bikamanuka mu muhogo, ni co kimwe, murabona.

Rero mu nyuma, uwo mugabo, yariko aravuga ati"Turumva bavuga cane utuyunguruzo." Yavuze ati "Nyamara, nimba mufise icifuzo",ari co nyota, murabona, "icifuzo co kunywa itbi, itabi isanzwe yokwica ico cifuzomu gihe gito. Ariko, nimba mufise akayungiro, ni ngombwa itabi zine kugira ngomwice ico cifuzo", yaravuze ati, "kubera ko hamwe n'ibi muba mufise hafi kimweca kane c'umwotsi."

47 Kandi haravuga hati"uburyohe bw'umuntu anywa itabi"? Murabona, ntushobora kuronka umwotsi udafiseumusengesenge. Kandi iyo ufise umusengesenge, uba ufise kanseri. Rero, ngivyo,murabona, muri make ni imvugo yo kwamamaza. Rero nibwira ko uruganda rw'itabiruri muri iki gihugu, kandi rubeshejweho n'ico gihugu, maze rugasohora ikintunk'ico, kugira ngo gusa babeshe abenegihugu b'Abanyamerika mu buryo bwuzuye,kugira ngo bababeshe. Akayungira k'umuntu yiyumvira? Ni imvugo gusa yo kwamamazakugira ngo bagurishe itabi ryinshi.

Mu nyuma, naribajije kuri ibi "Akayungira k'umuntuyiyumvira," naribwiye nti, "ni iciyumviro ciza, ibi." Mu vy'ukuri, hariho muvy'ukuri, ako Kayunguro k'umuntu yiyumvira, ni iyo Bibiliya. Akayungirok'umuntu yiyumvira, gukoresha aka Kayungiro, Ari co kizotanga uburyohebw'umuntu agororoka. Murabona?

Nyamara, ntimushobora gucisha icaha mu mpapuro z'iyiBibiliya. Oya, Iragihagarika. Irakiyungurura, Iragisunika. Rero, murashoborakuja ku rusengero, maze mukahajana ikintu ico ari co cose, ariko ntimushoboraguca kuri iyi Bibiliya, maze ngo mugire icaha. Ntibizocamwo. Iyungurura icahacose, Iragisunika, maze Igatanga uburyohe bw'umuntu yera. Mu vy'ukuri, nimbauyu muntu yiyumvira, ashaka kuba umuntu yera, kandi akamera nk'Imana, kandiakaba umuhungu cangwa umukobwa w'Imana, ku bw'iyo mpamvu, arashaka kugiraAkayungiro gakwiriye. Ni ukuvuga ngo, Aka gahagarika iaha cyose kuri ururuhande rwa Bibiliya, Gashobora gusa kucishamwo Mpwemu Yera muri Bibiliya,Uwanditse Bibiliya. Ni uburyohe bw'umuntu yera, kugira ako Kayungiro k'umuntuyiyumvira.

48 Ymara, turabona ukuntuikinyoma gikomeye uyu munsi. Muri Matayo 24:24, Yesu yaravuze ko "mu minsi yanyuma, impwemu zibiri zizoba zegeranye cane, ku buryo vyoyovya ndetsen'Abatoranijwe, iyaba bishoboka". Biregeranye cane! Cane, mbega ikinyoma tubonauyu munsi, ku bijanye n'iciza n'ikibi.

Ndetse no mu—no burongozi bwacu muri politikeyacu, nti—ntitunafise umuntu gusa twoshobora gushira mu kibanzank'umunyapolitike, yoshigikira mu vy'ukuri ico yemera ko ari ukuri. Ni he bari,ba Patrick Henry bacu, ba George Washington bacu na ba Abraham Lincoln bacub'uyu munsi? Nico kimwe neza nk'uko Perezida wacu yabivuze, aho ati "Uburyo, nimbaari kominisime abantu bashaka, bazoyironka, ivyo bazoshaka vyose." Nguwo nezaumuntu adashaka kuvuga ivyo yemera! Umuntu azoshigikira amabwirizwangenderwako, azoshigikira itegeko. . . Twishimira guhitamwo inyishu yoroshe.

Kandi abantu bageze aho, mw'ishengero. Bashakakuza kuba abanywanyi b'ishengero, rero baravuga bati "Ôo, ubu rero,biratunganye, nabaye umunywanyi w'ishengero ubu." Mugerageza kwica iyo nyotaikomeye yera Imana yashize muri mwebwe, uwo Munara urinda ushaka kubayoboraubajana ku kintu c'ukuri, mugerageza kuyica muba abayoboke b'ishengero,musubiramwo amategeko y'ishengero, cangwa ikintu nk'ico. Mu gihe hari gusaUbwiza ndetse bw'Imana, kandi Imana Ubwayo yuzuza ubuzima bwanyu, ishoborakuyica.

49 Ntazoyicisha amategeko y'idini. Ntimuzigera na rimwe mucisha amategekoy'idini muri iyi Bibiliya. Oya. Ntihanabaho ndetse nemera y'Intumwa, yoshoborana rimwe guca muri Ivyo. Munyereke muri Bibiliya nemera y'Intumwa, ahavuga ngo"Nimera Ekleziya Gatolika yera y'i Roma; nemera n'isangira ry'aberanda",mu gihe ikivugwa muri Bibiliya, ari ngo "Hari umuhuza umwe gusa hagati y'Imanan'abantu, kandi ni Yesu Kristo Umuntu." Ntimuzigera na rimwe mucisha ivyo bintumuri Bibiliya.

50 Izo ntambo zose, n'ayomakabutura, n'ivyo bintu abantu bakora uyu munsi, intambo za twist na tutsi,n'ivyo bintu vyose, ntimuzigera na rimwe mucisha ivyo bintu mw' Ijambory'Imana. Ayo mahitamwo agezweho y'imibereho, ntimuzigera na rimwe mubicishamuri iyi Bibiliya. Irabirwanya. Murabona? Kandi mugerageza kwica iyo nyota,ariko, murabona, ya. . . Iyo Bibiliya ioahaza gusa umuryohe w'umugabo cangwaumugore agororoka. Uwo Mpwemu Yera, biha gusuzugura, kandi bakavuga bati"Wataye umutwe." Ariko Ni co guhaza ico cifuzo gikomeye, ni ikintu isi itazikoikintu na kimwe. Barayovye, bateye umugongo umubatizo w'ukuri wa Mpwemu Yeran'Ijambo ry'Imana, kugira ngo bahindukirire (iki?) ibidengeri vy'ivyondovy'ishengero, imyizerere, nemera, no - no mu mpari z'amadini, n'ibindi vyose.

Turavuga tuti "Uri Umukristo?

Ndi Umumetodiste. Ndi Umubatiste. Ndi Umuperesibiteriyano. »Ibi, ku Mana nta kintu bivuze, mu vy'ukuri nta co. Ntimushobora gucisha ivyobintu muri Bibiliya y'Imana, aha. Kandi mugerageza kwica iyo nyota yera Imanayabahaye kugira ngo muyigirire inyota. Si vyo?

51 Rero, muraziko Dawidi yavuze aha ati "Y'Imana nzima." Nyamara "Ubwa mbere na mbere yariJambo, kandi

Jambo yahoranye n'Imana, kandi Jambo yari Imana. Kandi Jambo yambaye umubiri,kandi Abana na twe.‟ Ntihashoborakuboneka kwica inyota na guto, igihe cose iri Jambo, ari ryo Mana, ritarabarizima muri mwebwe, kandi ni aho mubona Imana Ubwayo ishitsa amasezeranoYatanze muri Bibiliya.

52 Rero dufise abasobanuzibenshi ba Bibiliya. Ishengero rimwe riyisobanura gutya, irindi riyisobanuragutyo, n'irindi gutya. Amwe afatamwo gusa akantu gato, ayandi afatamwo igiceaha na hariya. Ariko Imana ni Yo Yisobanura. Iyo Itanze isezerano kandiIkarishitsa, iyi niyo nsobanuro.

Nimba nari nabasezeranije ko ndi bube ndi aha uyumugoroba, kandi ndi aha, ibi ni vyo gushika kw'isezerano ryanje. Nimvuga kotuzohura ejo mu gitondo, kandi nkaba ndahari, ni isezerano ryanje. Sinkeneyekubona ibindi vyitwazo, ni ngombwa ko mba ndahari.

Kimwe n'uko, igihe Imana itanze isezerano, maze munyuma Ikaza gushitsa iryo sezerano, iyi ni yo nsobanuro y'isezerano.Nohamagarira umuntu wese gufatira Imana kw' Ijambo, kugira ngo arabe nimba mu vy'ukuriburi Jambo ry'iyi Bibiliya ari Ukuri neza. Ni vyo. Ni ibi, iyo nyota iri ahoimbere.

Muravuga muti "Iyo nzakubaho mu gihe ca Yesu, mba narakoze iki kintu na kiriya."

Ariko, muriho mu gihe ciwe. Ni iki tubikorako? Ni iki dukora? Muravuga muti‟Koko?" Ico mwakoze, kumbure ni ico Abafarisayo bakoze. Bari abayoboke b'ishengero,kandi bahakanye Yesu Kristo.

53 Uyu munsi, igihe cose turavuga tuti, abantubagerageza kuvuga bati "Turagereranya. Tugomba kugereranya Bibiliya, urupapuroku rundi, umurongo ku murongo." Si Ukuri. Oya, si Ukuri. "Iri jambory'ikigiriki rishatse kuvuga ibi, n'ibi bishatse kuvuga biriya." Abagirikiubwabo, mu gihe ca kera ca ya Nama Nkuru y'i Nikeya, n'abanditsi b'ico gihe,bari bafise ivyiyumviro bitandukanye. Umwe yizera ikintu kanaka, ko umuhangakanaka mu rurimi rw'Ikigiriki, ari ibi yashatse kuvuga, n'uwundi yavuga kouriya wundi, ari ibi yashatse kuvuga. Rero bagatonganira kuri ivyo. Ntidukeneyeinsobanuro z'abahanga mu rurimi rw'Ikigiriki, cangwa amaambo y'Ikigiriki.

"Kumumenya, We, ni Ubugingo", Umuntu, KristoUbwiwe! Si mu kugereranya. Ni mu guhishurirwa, Imana izubakaho Ishengero Ryayo.Kandi nitutubakira kuri iryo Shengero rimwe. . . Bibiliya iravuga iti "Abeli,mu kwizera!" Kandi kwizera, ni uguhishurirwa kw'Imana. Murabona, kwizera, niuguhishurirwa kuvuye ku Mana. Vyiza. Ibi vyose vyubakiye ku guhishurirwa, reroubwo, kiretse mubihishuriwe! Yesu yaravuze ati "Ndagushimiye, Data, kukoWahishije ibi bintu abanyabwenge b'iyi isi, Ukabibishurira abana, ari bobagenewe kwiga." Murabona, nyamara ni aho hejuru vyose vyubakiye: mugombakumenya Umuntu!

54 Kandi ntimushobora kubihazamu kuba abayoboke b'ishengero. Mutegerezwa kuronka Umuntu, Imana Ubwayo, ari yoJambo n'insobanuro yaYo Ubwayo uyu munsi, amasezerano Yatanze uyu munsi. Abantuyategerezwa kubona muri uyu munsi, "Ishengero ridafise agasembwa n'iminkanyari",ntibishatse kuvuga idini, bishatse kuvuga abantu, abantu ku giti cabo, badafiseagasembwa n'iminkanyari. "Hazoba hari abantu babiri ku gitanda, Nzofata umwe,Nsige uwundi; babiri mu murima, Nzofataumwe maze Nsige uwundi." Ariko igihe Imana, iyo nyota yera yo kumera nka Yo,maze nyuma mukabona ko Ijambo Ryayo riri muri mwebwe, ko Ryishingira intaheUbwaryo, ko muri umusavyi w'Imana. Ivyo Imana ivuga vyose, mwihuza na vyo muburyo bwuzuye, maze mukurikira uburyo bukwiriye, ico gihe, kugira ngo mwice iyonyota yera iri muri mwebwe.

55 Ôo, mu bigaragara, abantubazobasuzugura, maze bavuge bati "Wataye umutwe. Wahindutse umusazi." Arikomwibuke ico banywa, murabona. Murabe aho bari. Murashobora kwibaza iriba rininiry'amazi ridudubiza amazi meza, maze umuntu akaba ari aho hakurya, kuri kimwemuri ivyo biziba vyuzuye ibinyamurobo vyapfuye, nemera z'idini n'ibindi vyose,anywera aho hanyuma akabarabira, hasi, kandi akabanegura? Ôo! Turabe, ntazi,ntazi ukuntu - ukuntu bimara inyota, uwo Mugezi aho muba. Ni vyo koko.

Dufise Imana nzima. Siiyapfuye hashize imyaka igihumbi na majana icenda kandi yagumye mu mva, ahubwoIyazutse. Abaheburayo 13.8 haravuga hati "Uko Yari ejo, ni ko Ari n'uyu munsin'ibihe vyose." Uwo Mpwemu Yera umwe yamanutse ku Munsi wa Pantekoti, ni MpwemYWera umwe ari aha uyu mwanya. Ni Igice kimara inyota mu buryo bwuzuye, kuberako Ari Ijambo. Ni vyo. Mpwemu Yera yanditse Ijambo, ni We asobanura Ijambo.Bibiliya iravuga iti, muri Petero wa II, ko Mpwemu Yera yanditse Bibiliya, ko‟abantu basunitswe na Mpwemu Yera, kera, banditse Bibiliya".

Rero, ntimushoborakuhagera, ntimushobora kwica iyo nyota yera n'ikindi kintu kiretse ImanaUbwayo, iba muri mwebwe, mu Muntu wa Mpwemu Yera. Kwiga, umuco, kuba umuyobokew'amashengero, kuvuga nemera y'idini, kwifatanya n'ishirahamwe, ivyo bintuvyose, ni vyiza cane, ariko mu buryo ntabanduka ntibizorangiza uko gucecekakwera, iyo - iyo nyota yera, ahubwo, ntibizocecekesha iyo nyota nyeranda.

56 Nariko ndumva Billy Graham, umuvugabutumwaakomeye, uwundi mugoroba. Kandi ndabibabwiye, ndamusengera kurusha ikindi gihecose, igihe namubona akubita kuri abo bantu, kubera ivyo bari bakoze. Yarikoavuga ati "Uwu mugwi w'abantu b'abanyedini baza kw'ibarabara, amakora yaboaraba inyuma!" Bagiye aho hakurya, aho batategerezwa kuja, gushira amazuru yabomu kintu kanaka. Ariko bigiriye

mw'ibarabara, [Mwene Data Branham akubise mubiganza. -Umw.] akubita ibiganza kandi akubita ikirenge hasi. Tuba twaravuzeabatwawe na mpwemu, ego, ariko banduye. Rero, ariko, murabona, hari ikintubizera. Hari ikintu kirurumbisha umutima wabo. Hari ikintu cabarurumbisha.Umugore yagiye aho hakurya maze yivanga mu kintu, bamufashe nk'uwahowe Imana kubw'ivyo, mu gihe atategerezwa kwivangamwo. maze, turabona ko abo bantu [MweneData Branham akubise ibiganza.], bari bafise impamvu yo gukubita ibiganza. Baribafise amahirwe. Bakora ikintu kanaka.

Rero, nimba mushobora gukora ibi, ku bwa nemeramwizera ko ari ukuri, aha; rero inyuma mukongera kwibonamu rusengero aho, nimba umuntu akubise ibiganza cangwa akubise hasi ikirenge,abadiyakoni baramusohora. Murabona, bayoboye abayoboke babo ku kiziba canduye,mu mategeko no mu madini, aho kubagaburira Ijambo ry'Imana, ryera kandi rifiseumugisha, ryazanywe n'Inkomezi zo kuzuka kwa Yesu Kristo.

57 Murabona, bagerageza ku. .. bica inyota yabo, bavuga bati "Ndi Umudogiteri Runaka", cangwa mu gusohokamw' isemineri kanaka cangwa ishure kanaka. Ariko nta co bishatse kuvuga, ibi,nta co namba. Ariko, murabona, ba - bagerageza kwiyicira inyota, bavuga bati"Rero, Imana izonyemera, kubera ko ndi umukozi wayo. Imana izonyemera, kuberako ndi Padiri mutagatifu kanaka, cangwa umwepisikopi kanaka", cangwa - cangwaikintu nk'ico. Bagerageza kwica inyota yabo bakoresheje ibi, mu gihetudashobora. "Mfise indangabumenyi yo hejuru cane muri filozofiya,indangabumenyi yo hejuru cane mu mategeko, mfite indangabumenyi yo hejuru cane y'icicaroca kabiri mu ndimi. Mfise ibi." Ni vyiza. Ariko, uko ndavyumva, ico bishakakuvuga cose, ni uko mukiri kure cane y'Imana. Ni vyo. Na none kure caney'Imana, igihe cose.

Mushobora gusa kumenya Imana mu bunararibonye.Ntimushobora kubyakira binyuze mu kwiga. Ni mu kuvuka mumwakira! Ni ikintuImana ibaha. Kwiga nta sano bifitanye. Umwe mu bantu bakomeye ba Bibiliyantiyanashoboraga gusinya mu izina rye: Mutagatifu Petero. Ni byo rwose, we naYohana, Bibiliya ivuga ko "bose bari abantu babiri bo mu bantu batize". ArikoYesu yabonye ko ari byiza kumuha imfunguzo z'Ubwami, kubera ko yari afiteinyota y'Imana. Amina. Yari afite inyota y'Imana, yo gusabana. Yego mugabo. Ôo!La la!

58 Ndiko ndiyumvira kuri Yesaya,uwo mugabo ukiri muto, yoo, umugabo ukiri muto mwiza cane, yari aho murusengero, umunsi umwe.

Uwo mwami akomeye, kandi yaramutangariye cane,yamufata nk'umwe mu bantu bakomeye bariho. Kandi yari we, umuntu akomeye. Yariyararezwe n'abavyeyi beza, mama mwiza na papa mwiza. Ariko, ku ntango, politikeyiwe nta gasembwa yari ifise, kandi yagendana n'amabwirizwa y'Imana. Yesayayaramuraba, kandi yamufata nk'umuntu akomeye, yafata akarorero kuri we. Arikontimuzofate akarorero ku wundi muntu wese uretse Umuntu wa Yesu Kristo. Abantubose bazotsindwa. Mu gihe kanaka, yageze ahantu; yari - yari umwami, ariko yagerageje gufata ikibanza c'umuherezi, yinjiyemu rusengero, maze akubitwa n'imibembe.

Rero, Yesaya yarahangayitse cane, maze ubwo yagiyemu rusengero atangura gusenga; yari yibwiye ko yoja ahohakurya gusenga mu gihe kanaka. Nyamara, murabe, uwo muntu yari umuhanuzi; ariko aho mu rusengero, yari umugabo akiri muto, yatakira Imana, umunsiumwe, maze iyerekwa riboneka imbere yiwe. Kandi, uwo mwanya, yabonyeAbamarayika, Abakerubi, bari bitwikiriye mu maso hamwe n'a—n'amababa yabo,kandi bari bitwikiriye ibirenge, kandi baguruka n'amababa abiri. Kandi bagenda,bagaruka, mu burebure no mu bwaguke, mu rusengero, bavuga bati "Uwera, uwera,uwera ni Umwami Mana, Imana Ishobora Vyose."

59 Maze Yesaya, iyo nyotaikomeye yari afise. Ya—yategerejwe kwiga. Ya—yari yarize neza ata gukekeranya.Yari afise ukuntu yumva ko Imana yategerezwa kumera mu buryo buhebuje. Ya—yariyarumvise bavuga abaherezi. Yari yarabaye mu rusengero. Yari yararezwe nk'umwizera,ariko, murabona, ntiyari bwahure na Yo amaso ku maso. Murabona? Ya—yarafiseicifuzo co gukora iciza. Yashaka kuba mu kuri, ariko ivyo yari afise vyose,rwari uruhande rwo kwiga. Yari yarakiriye uruhande rwa tewolojiya.

Ariko uwo munsi, igihe yaja mu rusengero, aho,kandi akabona abo Bakerubi bakubita amababa, mu buryo bugaragara, kandi akumvako abo Bamarayika bakora igikorwa imbere y'Imana. Kandi abo Bamarayika ntibaribanazi ico icaha cari co, kandi, kugira ngo bahagarare mu Bwiza bw'Imana, babwirizwakwitwikira mu maso Habo hera, kugira ngo bahagarare mu Bwiza bw'Imana. Mazeubwo uwo muhanuzi yarasemereye hejuru ati "Mbonye ibara, kuko ndi umuntu afise iminwayanduye. Tewolojiya yanje yose, tewolojiya yanje n'ibintu nize, uko numva Imanakose mu buryo butangaje, noneho ndayibonye amaso ku maso hamwe n'ibi." Yavuzeati "Ndi umuntu afise iminwa yanduye, kandi mba mu bwoko bufise iminwayanduye." Inyigisho yabo yose y'amategeko n'ibintu bari barakoze, ivyo vyosentivyari vyarigeze bimujana ku rwego yinjiye mu Bwiza bw'Imana, aho yabonyeImana n'amaso yiwe, n'ikanzu Yayo y'igisaga, mu gihe Yari yicaye Hejuru, mw'Ijuru. Yibonye amaso ku maso hamwe n'ukuri. Maze arasemerera ati "Ndi umuntuafise iminwa yanduye, kandi mba hagati y'ubwoko bwanduye."

60 Maze ni aho Umukerubiyafashe ikimano, kandi hamwe n'ibuye ryaka ryari ku gicaniro, arikoza kuri iyominwa yanduye. Kandi ni ico camuhinduye, imukura mu munyantege nke, mu muntu yize,mu mudogiteri, yari we, imugira umuhanuzi Ijambo ry'Imana ryashobora kuvugirwamwo.Nta nkeka, mu gihe yari mu Nyonga z'Imana, cari ikintu gitandukanye. Iyo nyotayari afise, yari yageze hejuru cane ku buryo yujujwe n'Ivyo.

Kandi, ngiye kubabwira, mugenzi wanje, nta cobimbwiye cane igitigiri c'amashengero mubereye abayoboke, igitigiri c'amazinamushiramwo, inzira mukurikiye, mwoba mwajojoterejweko utuzi, mwaribijwe, cangwani iki nibagiye, igihe cose muzoba mutarahura n'uwo Muntu, Yesu Kristo! Ngivyo,ni ikintu kimwe gusa kizomara inyota mu vy'ukuri.

Ibishikashika ntibizokora igikorwa; nubwo mwosimbagurika mu kirere kandi mukavuza induru igihe kirekiremushaka, canke nubwo mwokwiruka muva ku ruhande rumwe rwa muja ku rundi mu nyubakwa kandi nubwo mwovugamu ndimi igihe cose mwoshaka. Kandi ivyo bintu birera kandi ni vyiza. Nta kintumfise co kuvuga - nta kintu mbirwanyako. Mu buryo bwuzuye, ico Kintu knakagifata buri muyoboro wanyu; bidakozwe n'ibishikashika,ahubwo no gushira inyota!

61 Hari icapa camamaza nahorambona, kera, caravuga kiti "Nimba mufise inyota, muvuge Parfay." Hariikinyobwa, muri ico gihe, igihe nari nkiri umusore, citwa Parfay. Ndibuka, nazakw'ibarabara, oh, nari nagiye kuroba mu kidengeri, muri ayo mazi ya keray'ibidengeri. Nari mfise inzara y'ikirura, maze mbona icapa camamaza cavugakiti "Nimba mufise inyota, mutegerezwa kuvuga gusa Parfay." Natanguye kuvuga nti "Parfay,Parfay." Nagira inyota kurusha. Rero na—na... Murabona, mu mwanya kanaka,na—na—nari mfite inyota cane ku buryo ntashobora no gucira, nari mfise inyotaca—cane.

Rero, murabona, ibi, nta co bizomara. Nta kintukizoyimara; nta co bimbwiye cane, nubwomwonywa coca—cola, nubwo mwonywa ivyo mushaka vyose, ivyo binyobwa vyuzuye gazen'isukari, n'ibindi vyose, ariko nta kintu kizomara inyota nk'umugezi mwizaw'amazi akonje, akonje. Ngico ikizica iyo nyota. Ivyo bintu bindi bvose niibisubirizi.

62 Mbe ni kubera iki bemeraigisubirira, mu gihe hariho umubatizo w'inkomoko wa Mpwemu Yera, uhaza burinzira n'icifuzo gikomeye kiri mu mutima w'umuntu? Kugira ngo mu nyuma mushoborekurwana n'urupfu, nk'uko intumwa ikomeye Paulo, yavuze iti: "Ô wa rupfu we,uruboyi rwawe ruri he? Na we, wa mva we, kunesha kwawe kuri he? Ariko Imanaishimwe, iduha gutsinda mu Mwami wacu Yesu Kristo!" Ng'ico ico ucishwamwo,mwene Data, ngico igihaza uko guceceka kwera… canke, iyo nyota yera iri murimwe. Rirayica. Ntimugikeneye kuvyitaho. Ego, Ivyo byeza iminwa.

Kandi hari bamwe muri abo bantu gusa babeshwahon'ibishikashika, ya. . . Abantu bamwe baravuga bati "Rero, dufise ibintuvyinshi nk'ibi mw' ishirahamwe ryacu rya pantekote." Kandi bazoja aho, ikintuciza, bazokubita mu biganza [Mwene Data Branham akubise mu biganza.—Umw.],kandi bakine imiziki. Umuziki urahagaraye "Shh, wuuuhh", indobo y'amazi, vyosebiribiye, murabona. Nyamara ni co dukora, ni co twamenyereye gukora. Dufise,twe—twe. . . Vyahindutse muri make umwe mu mico yacu.

63 Ngiye kubabwira ikintukanaka. Iyo musenga Imana, mu Mpwemu no mu Kuri; iyo bihindutse umuco kuri mwebwe kubikora, kubera ko mwibaza ko ari co mubwirizwagukora, kubera ko mwibaza ko, nimutavuza induru, ntimusimbagurike mu kirere,cangwa ntimutambe mujana n'umuvuduko w'umuziki, umubanyi wanyu azokwibaza komwasigaye inyuma, munywera ku mugezi w'amazi adatemba. Ni vyo!

Igihe cose Atazuzuza buri muhora, Mpwemu YeraUbwiwe ntazobirira muri mwebwe; nta kintu bimbwiye cane koumuziki uvuzwa cangwa utavuzwa, baba bariko bavuza Mana Yanje, hafi cane Yawe,cangwa ikintu cose, Mpwemu Yera igihe cose aba ari aho kugira ngo avuze inzogeraz'ikuzo mu mutima wanyu. Ngico ikimara inyota. Ngico Igice c'Imana kimarainyota mu buryo bwuzuye. Kiretse mufise Ivyo, naho ubundi mwaratakaye.

Nubwo mwovuga ururimi rw'abantu n'urw'Abamarayika,nubwo mwotanga ivyanyu vyose bikaba ibiryo vy'abakene, nubwo mwovugishwa, kandinubwo mwogira ubumenyi, kumenya amabanga yose n'ivyo bintu vyose, nubwo bimezegutyo, nta kintu muri co (I Abakorinto 13), igihe cose muzoba mutarakira icoKintu kimara inyota mu buryo bwuzuye, ari co conyene gishobora kwica iyo nyota.

64 "Umutima wanje ufitiye inyota Imana nzima, nk'ukoimpongo ihuzagizwa ishaka amazi. Nintayironka, ndapfa." Igihe muzogira inzaray'Imana gutyo, maze ubwo hari ikintu kizoba. Mpwemu Yera ari aho kugira ngo abayoborekuri izo soko zikomeye z'Imana. Ego mushingantahe.

Nyamara, ni ikintu ciza gusenga mu Mpwemu. Ni vyo. Ariko rimwe na rimweturaronka Mpwemu tudafise Ukuri. Muri Yohana 4, haravuga ngo "Dusenga Imana muMpwemu no mu Kuri." Kandi Yesu niUkuri. Ni vyo koko. Kandi Ni Jambo.

Imigezi Imana yabarungikiye kugira ngo ibamareinyota, mu bisanzwe, Satani yose yarayanduje. Yashizemwo ibiyovyabwenge,uburozi, mu yo yashoboye kwinjiramwo yose. Ni vyo. Yafashe uwo mugezi muniniwose: ishengero.

Ibi, bwari uburyo Imana yahisemwo. Yesu yaravuzeati "Kuri uru Rutare Nzubaka Ishengero Ryanje, kandi amarembo y'ikuzimu ntazorishobora."

Yamara, hari ivyiyumviro bitandukanye aho hejuru.Abaroma, Abakatolika, bavuga ko "Yaryubatse kuri Petero". Murabona, nimba ariko bimeze, Petero yarasubiye inyuma, inyuma y'iminsi kanaka. Rero,Ntiryubatswe, nta nkeka Ntiryubatswe kuri Petero, Petero, ibuye rito. Abaporoti, bo, bavuga ko"Yaryubatse kuri We Ubwiwe, Yesu Kristo". Si ukugira ngo mbe umuntu atandukanye,ahubwo sinemeranya na bo. Ntiyaryubatse, kuri kimwe, muri vyo.

Yaryubatse ku guhishurirwa k'Uwo Yari We. Yaravuzeati "Uri umuhirwe Simoni, mwene Yona, si umubiri n'amaraso vyabiguhishuriye,ahubwo Data wo mw' Ijuru yabiguhishuriye." Si ubumenyi! Ntiwavyize mu bitabo.Ntiwavyigiye mukuba umuyoboke w'ishengero. Ntiwavyigiye mu kuvuza induru. Wa. .. Ahubwo ni Mpwemu Yera Ubwiwe yakweretse Umuntu wa Yesu Kristo, rero "kuriurwo Rutare Nzubakako Ishengero Ryanje, kandi amarembo y'ikuzimu ntazorishobora".Iyo nyota yera yiciwe mu Muntu wa Yesu Kristo. Ngivyo. Ni co dushaka kurondera,kwica iyo nyota dukoresheje Ivyo. Vyiza, turabona ko tubwirizwa…

65 Ubumenyi? Ôo, bagenzi!Ubumenyi ni ikintu kidasanzwe, turabwuzuye, n'uyu munsi turabwuzuye. Ariko,murabona, ubumenyi. . . nk'uko nariko mbivuga uwundi munsi, nariko mvuga kuriico cigwa, ku bumenyi. Hari umuntu hanze, yariko avugana n'umwe mu bagenzibanje yari ari aho; yariko avuga ati "Nimbaumuntu atemera kwiga, none ni kubera iki asoma Bibiliya?" Ba. . .

Naribwiye nti "Aho rero, ntibatahuye ico UmwamiYesu yavuze, ni gute none bazotahura ikigoryi nkanje, ico jewe, mvuga?"Ntibanamutahuye, We yavuga neza cane.

Umunsi umwe, aho, Yaravuze ati "Nimutarya umubiri,Amaraso, nimutanywa Amaraso kandi ntimurye umubiri w'Umwana w'umuntu, ntimufiseUbugingo muri mwebwe ubwanyu." Ntiyabisobanuye. Yabandanije inzira Yiwe. Ni vyo.Murabona?

"Rero," baravuze bati, "uyu Mugabo ni nangayivuza.Turashaka ko Ya. . . Kuryaumubiri Wiwe, kunywa Amaraso Yiwe; ni umuzimu unywa amarasoy'abantu. Murabona? Arashaka kutugira ibinywamaraso y'abantu." Murabona?Abanyabwenge!

Ariko Yaravuze ati "Intama zanje zumva IjwiRyanje." Murabona, Bizohabwa Abatoranijwe, abo Imana yatoranije mu bushoboziBwayo bwo kumenya ibizoba mbere. "N'abo Data . . . Nta n'umwe ashobora kunzakoData atamuhamagaye. N'abo Data yampaye bose, bazoza, bazumva."

Abo bigishwa ntibashobora gutahura, arikobaramwizera. Murabona? Nivyo. Nimba mumwizera! Hari ibintu vyinshi ntatahura. Ariko ndamwizera,murabona, kubera ko Imana yavuze ko ari ko vyari bimeze.

66 Ubumenyi. Murazi, ubutumwa bwiza bwa Satani, niubumenyi. Mwari mubizi? Yabwigishije Eva mw'itongo rya Edeni, kandi yazimijwen'ubutumwa bwiwe bwo kumenya. Rero, yandurishije inyoko muntu yose ivyo. Ni vyokoko. Bashizeho intunganyo zo kwiga mw'ishengero.Bameze neza cyane aho, arikosi mw' Ijambo ry'Imana. Oya mushingantahe. Ntitumenya Imana mu kwiga.Ntitumenya Imana mu—mu—mu kwiga, kwiga ibiharuro no kuvuga amajambo akomeye.

Paulo, yari umuntu w'umuhanga. Ariko igihe yazakuri Kristo kandi akakira Mpwemu Yera, maze yagiye mu Bakorinto, aravuga ati"Sinaje iwanyu ndi agakura mu majambo y'ubwenge bw'umuntu", kandi nyamara, abayarashoboye kubikora. Yaravuze ati "Naje iwanyu n'inkomezi no kwigaragaza kwaMpwemu Yera, kugira ngo kwizera kwanyu kube mu Mana, ntikube mu bwengebw'umuntu."

Yamara, mu gushiraho imikorere y'ishengero,basaba ndetse umwungere wabo. . . Iyo ishengero ryiteguye gutora umwungere,baravuga bati "Ubwo, rero, uyu mwungere, afise indangabumenyi zibiri zakaminuza. Afise imyaka ine mu vy'inyifato z'abantu. Yize ibi, biriya n'ikindikintu." Kandi bazotora umuntu nk'uwo (kubera iki?), aho gutora umwungere yizerako Ijambo ry'Imana risigwa kandi ko Ijambo ari Imana, kandi azovuga Ijamboatitaye ku co abantu bavyibazako.

67 Imana yabwiye Ezekiyeli,murazi, Yaravuze iti "Babwire, bavyizere cangwa bareke, bivuge koko." Murabona? Ni vyo. Bamwakire cangwa bareke, si ivyobifise agaciro. Ntibemeye Yesu. Ntivyamuhagaritse, yabandanije yigisha.Murabona?

Aho kuba umwungere w'ukuri, azovuga mu vy'ukuriIjambo ry'Imana kandi azizera Imana, ba—ba bashaka kwinjiza u—ubwenge, umuntuyize neza, umuntu azoshobora guhagarara inyuma y'uruhimbi ata gufata hejuruy'iminota cumi n'itanu, kugira ngo abantu bashobore gutaha muhira vuba canekandi baje… gukora ikindi kintu, kandi kugira ngo Ricky ashobore kugendan'imodoka yiwe yihuta, kandi ngo na bo bashobore mu migoroba yabo aho batambiraintambo za twist, n'ibindi vyose. Kandi ni, oh, gusa ni—ni, nta kindi kintubisobanura uretse kwanduzwa no kwiga, ni uruvangatirane. Ni vyo. Ngivyo nezaivyo ari vyo. Ni vyo. Ariko ni iki gihari? Bihaza inyota bafise, murabona, bihazainyota y'umuyoboke w'ishengero ry'isi.

Ntivyica inyota y'uwera. We, azohitamwo Ijambo, burigihe!

Ariko baravuga bati: "Ôo, noneho, aba bantu,ngira, baravangiwe. Murabona, mu vy'ukuri nti—ntibabitahura. Ba—bageragezakubaho mu gihe giteye imbere."

68 Ntibitangaje? Nje aha, muBurengerazuba, maze mbona buri muntu agerageza kubaho mu gihe giteye imbere,igihe cose bashaka kubaho mu bihe vy'ivyigenge (cow-boys) vyo mu gihe ca kera.Kandi ngiye muri Kentucky, aho, ibihe vy'abanyamisozi bo gihe ca kera, bashakakuvyigana, barakora ibiganiro kuri ivyo. Ariko ku bijanye n'ugusenga kwo muburyo bwa kera, Ibi, ntibabishaka.

Igihe ca kera? Naje aha mu gihe hariho imikino yokwishimisha yitwa rodeo, nahabonye umugore w'umunyenkomezi, aho, yisize igisan'ibara ry'ubururu munsi y'amaso, imishatsi imoye, itabi ku munwa. Ariko, iyobaza kubibona muri ico gihe, baba baribajije ko yari ariko arononekara ahantukanaka. Baba baramufungiye ahantu kanaka. Kandi iyo mama wanyu aza gusohoka,yambaye nk'uko mwe n'umukobwa wanyu mwambara uyu munsi, ni iki kiba carabaye?Baba baramufungiye mu bitaro bivura indwara zo mu mutwe. Ni vyo, yari yasohotseatambaye ijipo yiwe. Rero, mwibuke, aho, ni ikintu kimwe uyu munsi.

Abantu barikoo barabora bahagaze. Iyo bageze mumyaka y'ubukure hagati y'imyaka mirongo ibiri na mirongo ibiri n'itanu,uturemangingo tw'ubwonko bwabo na two, turabora. Ntibafise. . . Abantu bagezeku rwego, badafitse imyumvire myiza cane, ntibazi ico imico myiza bisobanura.Ntibazi gutandukanya iciza n'ikibi. Kandi, oh, ariko indinganizo zabo zo kwiga,ba. . .

69 Mwari muzi ko kwiga,nshobora kubibereka, ari ivya wa mubi? Simvuga gusoma no kwandika, ahubwogushira kwiga kwanyu mw'ishengero.

Kominisime yubakiye ku ki?Ku bumenyi, ku kwiga, ngiyo imana yabo. Satani, murabona, ni co yeretse Eva.Kandi na none ni ibi bahagazeko.

Rero ni vyo vyinjiye mumashengero yacu, ni vyo vyinjiye mu Babatiste, Abametodiste,Abaperesibiteriyano, Abapentekoti n'abandi bose. Kwiga, ikintu c'ubwenge, iki nakiriya kinini, n'ikintu nk'ico, ari co cigiza kure cane na none umuntu w'Imana.Ni bibi. Ego mushingantahe. Koko, turabona ko ba. . . ko bihaza icifuzo cabo.Igihe i - igihe ishengero ritora ikintu nk'ico, dushobora kubona ku bw'ivyo rikirimu mpwemu y'iryo koraniro, icifuzo cabo, ico bafitiye inyota. Ico bashaka, niukuvuga ngo "Umwungere wacu afise ivyiyumviro vyagutse. We, kugana kw'ibitsinavyompi, ntibimubuza amahoro, araduherekeza."

70 Umwana w'umukobwa akirimuto yabwiye Sarah wanje, uwundi munsi. Umwungere wiwe yari yagiye muri Afrika; kandi, umugoroba wo kugaruka kwiwe, yambuye impuzu yiwe, yambara kola,noneho amutambira intambo yitwa intutsi, kugira ngo amuruhure, kuko yari yagiyemuri Afrika. Tutsis, ni ubwoko bwa hariya hakurya, murabizi. Ah, jewe, nshakakubona umwe mu banje, abakobwa bato b'ikoraniro ryanje, bogerageza gukoraikintu nk'ico, intutsi!

Murabona, ivyo vyose vyerekana neza icobisobanuye! Kandi umwungere yaguma yicaye araba umuntu wo mw'ikoraniro ryiwe,umukobwa akiri muto w'imyaka cumi n'itandatu cangwa cumi n'umunani yigaragaza,yiyambika ubusa gurtyo, kandi akamureka akagenda gurtyo, vyerekana ko na we ubwiweakomoka mu kiziba c'ivyondo; umuntu w'Imana yokora ikintunk'ico. Nta nkeka.

Biragaragara, ibi, ariko ndazi ko ndimwo kandikuvuga ubutumwa kuva ku ruhande rumwe rw'igihugu uja ku rundi. Ariko namwekandi, murabizi, mwene Data, mushiki wacu; ndabibabwira, ni Ukuri.

71 Ikinyakabakagishaka kubona ibintu vyapfuye. Nivyo. Kandi ibi, vyarapfuye! Ni vyo koko. Vyerekana mu buryo bugaragara cane,vyerekana mu vy'ukuri mu buryo bugaragara cane, aho, umuyobozi wabo uwo ari we,n'umunara wabo ucunga, ico abaha, murabona, ikiri mu mutima wabo. Umutima wabourarikira ivyo bintu.

Umutima wifuza kugira ishengero ry'abanyabwengecane, aho abantu Bambara neza cane, n'umwungere agafata iminota cumi n'itanucangwa mirongo ibiri. Kandi iyo babirengeje, bagaca bamucisha mu namay'abadiyakoni. Kandi nta kintu na kimwe ategerezwa kuvuga ku bijanye n'icaha.Nta kintu ategerezwa kuvuga ku bijanye no kwambara amakabutura, kandintiyokwiha kuvuga ikintu ico ari o cyose ku bantu bakora ibi, biriya cangwaikindi kintu. Nta kintu na kimwe mu buryo ntabanduka ategerezwa kuvuga kuri ivyo.Nimba atari ivyo, ubuyobozi buzomwereka umuryango wo gusohoka. Murabona ukobimeze? Ni ako akayungiro kabo k'umuntu yiyumvira.

Bibiliya iravuga, muri I Yohana 2.15 iti "Nimbamukunda isi n'ivyayo, cangwa ibintu vy'iyi si, ni ukubera ko urukundo rw'Imanarutanari muri mwebwe."

72 Rero ubu, ni iki twovuga kuri ivyo bintu vyose vyavuyemu kibanza bakora uyu munsi, mw' izina ry'ishengero: umugwi w'abatamvyi banemw'ishengero, loto, tombora bita bingo, iminsi mikuru mito, inzaruka zitambaintambo za rock na roll, twist, n'ivyo bintu vyose! Murabe, uwo Elvis Presley,idayimoni ku

maguru abiri! Ni vyo. Baravuga bati "Ôo, ni abantu bakunda gusengacane, batamvye indirimbo za Gikirisito." Ntibategerezwa, ishengerontiryategerezwa ndetse kwemerera ikintu nk'ico! Muri abo basore, hari abajahakurya aho, kandi—kandi, uwo mugoroba baba bari mu kabare, aho, batamba kandibanyukura umuziki, n'ibindi vyose; bukeye bw'aho nimugoroba bakaza ku gicanirogusuka amarira, maze umugoroba wa nyuma bagaceza umuziki ku ruhimbi. Ôo, ineza,impuhwe! Ariko, turabe koko, kugeza he ubwandu bushobora, ubwandu bushoborakugenda bukagera he? Ego mushingantahe. Agerageze ubwa mbere na mbere nk'umuntuw'Imana, si ivyo bintu vyose, kubera ko azi gucuranga gitari ya kera, cangwaikintu kanaka.

Ku bw'icifuzo mufise, mushobora kumenya uwuri ku ntebey'umutima wanyu. Ku bw'ico mukunda, ni co kibamenyesha. Mu - muravuga muti"Noneho, jewe, ndabona ko ivyo bintu, ari vyiza, Mwene Data Branham." Rero, mwibuke ibi: murabizi,ikiri mu mutima wanyu. Ego mushingantahe. Ikigaburira umutima wanyu, ico umutimawanyu ufitiye inyota, ivyo bintu mubona biyica; nimba atari iri Jambo, rero hari ikintu kanaka kitagenda, kubera ko MpwemuYera abeshwaho gusa n'Ijambo. Murabona?

73 Ndashaka kubereka ikindikintu giteye ubwoba, imbere yo kurangiza, - nimba muda - nimba mudacirwakoiteka n'ikintu na kimwe navuze muri ivyo bintu, - kandi ni ivyago gusuzugurainyota. Murabona? Muravuga muti "Mfise inyota yera. Ariko, si—sincirwako iteka,Mwene Data Branham, no kuba narishimiye kuba umuyoboke w'ishengero, n'ibintunk'ivyo." Ariko, murabona, no gusuzugura inyota! Nimba musuzugura kwica inyotay'amazi cangwa y'ivyokurya, muzopfa. Kandi nimba musuzugura iyo nyota y'Imanairi muri mwebwe, muzopfa mu buryo bwa mpwemu.

Murasaba umuvyuro, mwiteze ko ishengero ryanyu rikoraumuvyuro. Rero, ibi, si—si umuvyuro wanyu. Umuvyuro wategerezwa gutangurira uwomwanya muri mwebwe, igihe mutanguye kugira inyota y'Imana. Vyoshoboka ko atamuyoboke n'umwe w'ishengero yifuza uwo muvyuro. Niwigaragaza muri mwebwe,uzigaragaza ahandi. Murabona? Ariko, murabona, musuzugura iyo nyota.

Muzosuzugure gukama inka, igihe inka ya...iceberyavyimbishijwe n'amata; nimurekera inka muri iyomimerere, mu mwanya muto muzosigarana inka yumye. Ni vyo. Nimwasuzugura kunywaamazi, muvuga muti "Sinzongera kunywa amazi, ni vyo nta bindi", muzopfa. Nimwasuzugurakurya, muzopfa.

74 Ni co kimwe, nimwasuzugura guha Mpwemu Yera Ijambory'Imana, muzopfa.

Mwe Bakristo, mwe Babatiste, Abametodiste,Abaperesibiteriyano, Abapentekoti, Amakoraniro y'Imana, Abanyabumwe, Abanyabubiri,Abanyabutatu, ico mwoba muri co cose, murabona, nta co bimbwiye cane, nta kintubivuze na kimwe kuri jewe, kandi sinibaza ko hari ico bivuze ku Mana. Murabona,muri umuntu, mukoze ikintu cose. Ntimuzigera muja mw' Ijuru ku nyitoy'ishengero, y'idini. Muzoja mw' Ijuru umuntu ku giti ciwe, ni mwebwe n'Imana.Ni ivyo. Nta kintu bimbwiye cane ishengero mwoba murimwo.

Kandi nimba musuzugura gusoma Bibiliya no kwizeraBibiliya, no kugaburira Mpwemu Yera Ivyo, muzopfa. Yesu yavuze ati, muri Yohana4.3, umurongo w'Ivyanditswe mfise...Yesu yavuze ko "umuntu atazotungwan'umutsima gusa, ahubwo n'Ijambo ryose", nta kindi uretse igice c'Ijambo.

Dufatamwo bike aha. Ibi ndavyita gusaba rifuti kwaBibiliya. Baravuga bati "Rero, nizera Ibi, ariko ubu, tuje kure cane, aha,murabona." Murabona?

Mubwirizwa kurifata, Ijambo kw'Ijambo. Yesu yavuzeati "Umuntu azotungwa n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana." Mwari mubizi?

Kandi, murazi, twagize—twagize umunsi tubamwo,twa—twagize uyu munsi...ubuyobe bw'ivyo gusenga.

75 Umukobwa wanje yaranzanye, nta gihe kirekiregishize, kandi arambwira ati "Papa," ku rundi ruhande rw'inzu, yavuga, ati"ngwino, tugiye kuraba ikiganiro c'ivy'Imana." Vyari indirimbo, baririmba indirimbo,kandi hari uwumeze nka Ricky muto yabisubiramwo, ku ruhimbi. Nimba narigezembona igikorwa ca sakirirego, ivyo, cari kimwe muri vyo! Abo bahungu kuruhimbi, n'abo bantu, vyasa cane n'igikorane c'ibintu bitandukanye. Bategerezwakuba bahagarariye ubwoko bw'abahindi, kandi bakora ikintu cose, kandi—kandibasimbagurika mu kirere kandi bagaterana amakofe hagati yabo.

Ni he, ukuri kwahindutseiki, izo ndirimbo za kera zagiye he twaririmba kera, mu gihe twanezerwa muriMpwemu w'Imana, kandi amosozi akadutemba ku matama? Ubu turagerageza gufatiraimpwemu zacu kugeza aho tutagifise impwemu zihagije, kugeza aho tugize mu masoh'ubururu, kugira ngo tugerageze kugaragaza ko turi umuntu ameze nk'umuririmvyi.Murabona, twiganye imikorere y'i Hollywood, kandi ivyo biganiro vyose turaba,bigaragaza izo ndirimbo z'abanyabwenge n'ayo majwi yamenyerejwe. Ndakunda kumvaindirimbo nziza; ndakunda kumva indirimbonziza za pentekoti mu buryo bwa kera, zivuye ku ndiba y'umutima. Ariko ndwanyakumva uko guhekenya amenyo, ico bita kuririmba, uyu munsi. Ni vyo.

Ndabona ko ata kintu giharigisuzuguritse cane. Ni ubuyobe. Ni vyo.

76 Ndakunda kubona umugabo nya mugabo. Ndanka kubonausohoka yambaye impuzu y'imbere y'umugore wiwe, maze ikaduga ku ruhande; hamwe n'imishatsi imumanuka ku gahanga, aha, n'ibifungo bibiri vy'imisatsibitendera, nk'imishatsi itendera ku gahanga, ikase aha imbere. Ibi, sinshoborakuvyita umugabo. Ntazi uruhande rw'ubwoko aherereyemwo. Murabona? Ni vyo.Murabona, umugore, murabe, umugore agerageza kwimosha i. . . kwitunganya imishatsink'umugabo; umugabo, nawe, geragezagutunganya imishatsi n'ibituta nk'umugore. Umugabo yambara impuzu y'imberey'umugore wiwe; umugore yambara impuzu yiweakorana. Murabona, muri make ubuyobe, bakora ibinyuranye.

Kandi ni kimwe ku gihugu, ku bantu, ku mashengero,ku bantu bose. Ô Mana! Iherezo ry'ibi vyose riri he? Kuza k'Umwami wacu YesuKristo, ngico ikizobishirako iherezo.

77 Ni ukuvuga ngo, nimwafata minenerwe kugaburira Mpwemu Yera w'Ijambo ry'Imana! Yesu yaravuze ati"Ijambo ryose rizotangwa na Mpwemu Yera." Rero ubu, mwumve. Nimwageragezakumugaburira ikintu kidakwiriye, nimba Ari Mpwemu Yera w'inkomoko ari muri mwebwe,Uzomenya ikinyuranye. Rero, mwibuke, Ijambo ry'Imana, ngico ico Mpwemu Yera arya.Ntarya ibishikashika. Ntarya kwiga. Ntarya kuja ku rusengero. Ntaryatewolojiya. Hari itandukaniro rikomeye hagati y'ikintu gisize, n'intahuro yatewolojiya.

Abo banyatewolojiya bose, bo mu gihe ca Yesu, oh,ibi vyose vyari biri ku murongo, ijambo ku rindi, urupapuro ku rundi: Yesuyategerezwa kuza mu buryo ntabanduka mu buryo kanaka! Vyatanga neza ivyo. Kandibose, nta n'umwe avuyemwo, baciye ku ruhande. Murazi ico Yesu yavuze, igiheYaza, Yavuze ati "Mufise so Satani, kandi mukora ibikorwa vyiwe."

Ntibari barabihishuriwe, bo, Ijambo ry'ukuri, icoari co. Murabona, babuze ibintu bito, nk'uko abantu babibuze uyu munsi. "Nimbamuri kuri ibi, kandi mukaba muri kuri ibi, vyose bizogenda neza."Ntimuzovyizere. Mutegerezwa kuba Abakristo. Kandi, nimba hari ikintu muri mwebwe,gifitiye inzara Kristo.

78 Mwibuke neza ibi, igihemwari mu rura rwa so, mwari kumwe na we ico gihe. Ariko so ntiyari abazi icogihe, kandi ntimwari muzi so. Mwategerejwe kuza, kuvuka. Imana yatanze uburyo,biciye muri nyoko, yafashije kwakira imbuto, kandi ni aho vyageze. Rero aho,mwahindutse umugabo cangwa umugore, bitewe n'impamvu, maze mwamenye so, kandiso yashoboye kuba mw'isangira hamwe namwe.

Rero, mwibuke, nimba mufise Ubugingo Buhoraho,Ubugingo bwanyu bwari mu Mana kw'itanguriro. Kandi Ubugingo, Imana ni Ijambo.Rero ubwo, igihe Jambo yambara umubiri muri Yesu Kristo, Imana yamanutse kubamu mubiri Wayo bwite, yigize Ubwayo Umwana w'Imana. Igihe Imana yamanuka kubaaho, mwari muri Yo igihe Yabambwa. Kandi mwababambwanywe na Yo, kandi mwapfanyena Yo i Kaluvari. Kandi mwashizwe mu mva hamwe na Yo, ku musozi. Kandimwazukanye na Yo, igitondo ca Pasika. None ubu, mwicaranye ahantu ho mw' Ijuru,muri Yo, ubu muri mw'isangira hamwe na Yo. Murabona?

Imana Ubwayo yahindutse umwe muri twebwe. "Ntamuntu yigeze abona Data, Umwana w'ikinege wa (Umwana) Data ni We yamumenyekanishije."Ni ukuvuga ko Imana yahindutse umuntu, kugira ngo ishobore gusangira namwe,nk'umuntu. Murabona? Rero ubu muri - muri umubiri, kandi ni Umubiri. Imanayambaye umubiri muri twebwe, mu Muntu w'Umwana Wayo, Yesu Kristo. Kandi muri Wehari Imana. Yari Imana, nta kindi uretse Imana. Yari Imana. "Imana yagaragayemu Mwana, Yesu Kristo", ari co camugira Imanweli, ico umuhanuzi yari yaravuzeko Azoba.

79 Rero, murabona, ni ukuvuga ko, mwategerezwa kubahoimbere yuko ndetse isi iremwa, izina ryanyu ryashizwe mu Gitabo c'Ubugingoc'Umwagazi w'Intama. Rero ubu, ni iki mushobora kurya? Mpwemu Yera abeshwahon'Ijambo ry'Imana. Rero ubu, mu Vyahishuriwe Yohana 22:19, Bibiliya iravuga iti"Umuntu wese azokurako Ijambo rimwe gusa kuri Ibi, cangwa akongerako ijamborimwe gusa, umugabane wiwe uzokurwa mu Gitabo c'Ubugingo." Murabonamwouburebure? Ntimushobora, Mpwemu Yera ntazotungwa n'ibintu vy'isi.

Nk'inuma n'igikona. Igikona, ni indyarya ikomeye.Igikona, uwo muvugwa ashobora kuza aha, akarya ingano umunsi wose; kandi akaja aho hakurya, akamanuka aho, ku muvyimba ushaje, na wokikawurya. Gishobora kuja mu murima, kandi gishobora gusangira n'inuma, ingano,kandi inyuma kikaja kurya umuvyimba.

Ariko inuma, yo, ishobora kurya ingano umunsiwose, ariko ntishobora kurya umuvyimba, kubera ko ari inuma. Kandi inumantigira indurwe. Umutamiro umwe w'umuvyimba wokwica inuma. Murabona, ntigira indurwe.Kandi ni gutyo, nta busharire ba buke.

Kandi ni uko Umukristo w'inkomoko ameze, nyakuri.Ntabashaka ibintu vy'isi. Barya gusa Ijambo ry'Imana, kandi gusa n'Ivyo: ikintugisukuye, Akayungiro k'umuntu yiyumvira. Murabona, baciye muri Ivyo, kandi Ivyogusa. Ibintu vyapfuye vy'isi, babona ko binuka nabi.

Murabe ico gikona cakera, mu gihe ca kera co kuranduka kw'imbere y'umwuzure, caguruka kiva ku muvyimba umwe kija kuwundi, carya iyo mivyimba ya kera, nticagarutse mu bwato. Ariko inuma ntiyashoboyekubona ahantu yashira ibirenge vyayo, murabona, yagarutse mu bwato, aho bayihaingano.

Kandi ni uko tubigenza, tubeshwaho n'Ijambo ry'Imana.

80 Muri Zaburi 42. Dawidiyagomvye kwandika iyo Zaburi, Zaburi 42, mu gihe yari mu buhungiro, igiheyavuga ati: "Umutima wanje ukugirira inyota, nk'uko impongo ihuzagizwa ishakaamazi." Murabe, yatereye hejuru. Dawidi yari mu buhungiro. Yari afise. . .amavuta yo gusigwa yari kuri we, yari azi ko yategerezwa kuba umwami. Umuhanuziyari yaramusigiye kuba umwami. Maze murabe, kandi yari aho, n'abasirikare bakehamwe na we, abantu bo mu mahanga n'ibindi vyose, ku gasongero k'umusozi. Mugihe umurwa wiwe bwite yakunda, ku bw'icaha cabo, Abafilisitiya bari bariimpande zabo. Kandi, Dawidi, kuri uwo munsi ushushe, ni aho yabwirijwe kwandikaiyo Zaburi ati "Nk'uko impongo ihuzagizwa ishaka amazi."

Murabe Dawidi, muri iyo myimerere. Yaravye hasi,yaravye umurwa wiwe yakunda. Maze yibutse igihe, yajana intama ziwe aho, akiriumusore, hafi y'ikidengeri kanaka. Aho, kari agace kari gafise amazi menshikandi kari gafise umutsima ku bwinshi. Mu vy'ukuri, Betelehemu bisobanura "inzuy'Umutsima w'Imana". Hanyuma rero, mu gihe Dawidi yibuka ko yaca aho kandiakanywa kuri ayo mazi meza afutse, maze aho yari aho hejuru, mu buhungiro, kurey'ubwoko bwiwe. Ntiyari afise ahantu ho kuja, kandi yategerezwa kugira ijwirikoma induru mu mutima wiwe ku bw'ayo mazi meza afutse.

81 Yari ari kumwe n'abasukubamwe, aho, icifuzo gisuzuguritse mu vyifuzo vyiwe kuri bo cari itegeko. Maze,ba...batatu muri bo bararwanye kugira ngo baronke inzira muri uwo murongow'Abafilisitiya; urugendo rw'ibilometero 24,ibilometero 11, cangwa ikintu nk'ico, kugenda, no kugaruka; biciriye inzira bica umuntu wese mu nzira, maze bamuzanira ayo mazi. Arikoinyota y'umutima...

Umubiri wiwe, Dawidi yari aho hejuru, atagukekeranya ategetswe kunywa mu vyamugwa vyose munsi y'ikiganza, insato zishajez'isekurume n'ibindi vyose, zuzuye amazi ashaje ashushe, muri uwo munsi ushushe.Yaribwiye ati "Iyo nza gushobora gusa kwirambika, nkica iyi nyota mfise! Iyo nzagusa kuja aho hakurya, i Betelehemu, nkirambika hafi y'iyo soko, noneho nkanywa amazi!"

82 Kandi igihe baja aho kurondera ayo mazi, kandibakayamuzanira, umutima wiwe wari ufise inyota ikomeye cane, atari iyaBetelehemu, ahubwo y'icava i Yerusalemu; umutima wiwe wari ufiseinyota. Yatanze ayo mazi kw'ikimazi, yavuze ati "Sinshaka kuyanywa." Yayasutsehasi. Murabona, umutima wiwe wari ufise cane inyota y'Imana, kurusha kwihazayica inyota, n'amazi...inyota y'umubiri wiwe, n'amazi meza afutse. Yayasutsehasi.

Murabona, Inzu y'Imana, amazi amara inyotaumutima, ay'i Yerusalemu hejuru! Yesu yaravuze, muri Yohana 6.33 ati "NdiUmutsima w'Ubugingo. Ndi Umutsima w'Ubugingo." Betelehemu, "inzu y'Imana",ishengero ryacu, ishengero ryo kw' isi ry'Imana, ishengero riri aha kw' isi.Dukunda kuja ku rusengero, aha kw' isi, ariko Yerusalemu yo hejuru ni nini cane,ari yo Mana. Yerusalemu yo hejuru, ari yo Mana! Umutima ufise inyota ikomeye caneyo kuba aho hamwe na Yo, kurusha kwihaza gusa mu kuba umuyoboke w'ishengeroahantu kanaka. Murabona, kuba umuyoboke mw'ishengero ntivyica iyo nyota. Dawidiyaravyerekanye aha, amazi yava uwo mwanya mu nzu y'Imana, murabona, yayasutsehasi; kugira ngo yikwegere imbabazi nziza z'Imana,kumukurako amazi meza afutse. Ndetse...Irakomeye cane kurusha inyota iri murimwebwe, iyo nyota y'Imana, inyota y'ubugingo.

83 Murabe, Yerusalemu, ijambo. "Yerusalemu irihejuru", ni ko Bibiliya itubwira, "ituma tuba...ni Mama wacu twese." KandiKristo ni Mama wacu. Turabitahura neza, Imana ni Mama wacu, kuko twavutse kuriYo. Iryo jambo muri make rishaka kuvuga "amahoro", Yerusalemu, Shalom. Cangwa,Shalom, bishaka kuvuga "amahoro", Jeru-salem, murabona, bishaka kuvuga"amahoro".

Buri mutima wategerezwa kugira inyota ikomeyey'amazi y'Ubugingo, aho kuvuga ko uri umuyoboke w'ishengero; inyota y'umutima ntishobora gushira, inyota nyakuri, inyota y'ukuri. Ishoborakuzocurikwa. Mushobora kwibaza ko vyose bigenda neza kuri mwebwe igihe mubayeabayoboke b'ishengero, ariko si ibi bikenewe. Ibi ntibizica inyota ndemanonyakuri y'Imana. Ntibizoyica muri make. Ibi, gusa. . . Si aho muri make biri.

84 Rero, Dawidi yaravuze, muri Zaburi 42.7, aha ati"Idamba rihamagara irindi damba kubwo kubomborana kw'amasumo yawe. Imipfundayawe yose n'imikuba yawe yose birandengeye.

Murabe, nakunze kubizanank'akarorero. Niho hari ibaba rifasha ifi koga ku mugongo w'ifi, vyankavyakunda ryategerejwe gushirwa ahokugira ngo ishobore koga iryifashishije. Irarikenera. Nyamara, ni iki cobaivuze iti "Jewe, ngiye kuba ifi itandukanye. Ngiye kuba ifi ifise ubwenge,yize. Ego, ngiye koko. . . ngiye kwizera tewolojiya nyakuri! Nizera ko ntakeneyekugira iryo baba!" Ntizoja kure cane mu mazi, si vyo? Ni vyo koko!

Ni iki coba igiti kivuze kiti "Ubu rero, ndazi kovyari ngombwa mbere na mbere ko habaho isi, kugira ngo nshobore kuhamera. Ni vyo.Ntegetswe kumera aha. Ariko ngiye kuba igiti gitandukanye, ndashaka ko banshiraaha, hagati mu nzira, kugira ngo bashobore kumbona"? Murabona, nticobaho igihekirekire. Murabona? Ni vyo.

"Iyo idamba rihamagaye irindi damba". Ni ngombwa ikiruta kubaumuyoboke w'ishengero. Ni ngombwa

ikiruta guha ukuboko umuvugabutumwa. Ningombwa ikiruta kubaho ubuzima bw'inyankamugayo. Ni ngombwa ikintu kanaka kizobamarainyota imbere, ikintu kivuye ku Mana kandi gikwirakwira mu mutima. "Imyuzureihamagaranisha guhorere kw'isumo Zawe, Ô Uhoraho. Ubwina buhamagara ubundi bwina!"

85 Ni ubuhe bwoko bw'inyota twibaza dufis muri twebweuyu mugoroba? Twebwe, Abapentekoti, ni he turi? Ni ubuhe bwoko buri muri twebwe?Ni ubuhe bwoko bw'inyota buri muri jewe? Ni ubuhe bwoko bw'inyota buri muri mwebwe?Ntimuzorondere gucecekesha iyo nyota yera y'Imana.

Hashize imyaka, mu gihe hariho izahabu, aha mumisozi. Narasomye kahise, hashize imyaka myinshi, sinigeze ndayibagira. Yavugako umushakashatsi yiga ivy'amabuye y'agaciro yagiye ahantu kanaka, ku rundiruhande rw'umisozi, aha, yashakashaka kugira ngo aronke izahabu, niho yavumburaikirombe gifise akamaro. Kandi mu gihe yataha, yariyumvira ati: igihe izogeramu gisagara, ico yategerezwa kuba co, vyaba iherezo ry'ibibazo vyiwe vyose.Kandi - kandi yagerageza kwibwira ati "Ejo, nzotaha, kandi na..." Yarasigaranyegusa umunsi umwe w'urugendo, maze agataha mu gisagara, kandi yategerezwakuronka iyo zahabu. Yari afise imifuko minini yose yuzuye.

86 Yari afise imbwa imuherekeza. Ubu rero, sindikongereranya imbwa na Mpwemu, ariko ni ukugirango mbyerekane. Ariko iyo mbwa. . .

Mu gihe c'ijoro, uwo mushakashatsi w'amabuyey'agaciro yararyamye ku buriri bwiwe, maze—maze atangura kwibaza ati "Rero, ejonzozana ziahabu yanje yose aho hakurya, kandi nzohinduka ico nashatse kubaigihe cose. Igihe cose nakunze kuba umuntu atunze. Nashaka kugira ibintu vyiza,n'ibindi vyose."

Maze aho, imbwa yatanguye gukuga, hanyuma. . .kubera ko umwansi yari ariko yegera aho. Yarasohotse, maze avuga ati "Ceceka!"Maze ya mbwa iraceceka. Akigaruka ku buriri, yaragiye gusinzira, maze ya mbwayarongeye cane, irasimbagurika ku munyororo wayo. Yagarutse ku rugi, aravugaati "Ceceka!" Umenye ko ejo nzoba ndi umukire, urabona, kandi izo zari inzozi ziwezikomeye. Ariko imbwa yarongeye itangura gukuga.

87 Mu nyuma, amaze guta umutwe wese, yagiye kuronderainkoho yiwe yo guhiga, maze akubita imbwa, arayica. Yavuze ati "Sinzongera kugukenera,mu buryo bwose. Ejo nzoba ndi umutunzi. Nzoba ndi umukire ejo."

Yashize inkoho yiwe mu mfuruka, maze ateraumugongo ku rugi, arasinzira. Kandi umuntu yamukurikirana kuva mu minsi myinshi,yarinjiye aramwica. Ntiyabaye umutunzi, murabona, yacecekesheje ico kimenyetsokiburira cagerageza kumusobanurira ko ubuzima bwiwe bwari mw'irinde.

88 Rero, mwene Data, mushikiwacu, ntimuzigera mushobora ku. . . ntimuzigere mugerageza gucecekesha uwomuhamagaro wera uri mu mutima wanyu, murabona, muba abayoboke b'ishengero,musubiramwo nemera z'idini, mukuba umuyoboke w'ishirahamwe kanaka.

Hari ikintu kimwe gusa gishobora kubihaza, niUmuntu wa Yesu Kristo. "Nk'uko impongo ihuzagizwa ishaka amazi, ni gutyoumutima wanje ukugirira inyota, Ô Mana. Umutima wanje ugira inyota y'Imananzima!" Murabona, hari ikintu muri mwebwe gishaka kubona Imana ikora. Umutimawanyu ufise inyota y'Ivyo. Ntimuzogire ikindi mwishimira uretse Ivyo.

Ntimuzotume umwungere ababwira ko "ivyo mugomba gukora vyose,ari ukumuha ukuboko, kuba umuyoboke w'ishengero, cangwa kuba umunywanyiw'ishirahamwe kanaka." Vy'umwihariko ntimuzice uko guceceka kwera. Irababurira.Umunsi uzogera, aho muzogera ku musozo w'inzira.

89 Nk'umugore umwe muto wo mugisagara aho duturuka. Yavuze ati. . . Umukobwa muto yaja ku rusengero ahohakurya, kandi yari umukobwa muto mu vy'ukuri ameze neza cane. Rero yagedaa munzira. Yari afise imishatsi miremire, murabizi, kandi yari imishatsi irabainyuma, isokoje neza kandi ikeye, uravye nk'igitunguru gishishuye, kandi mumaso hiwe hasa. . . ntiyari yisize. Hanyuma uwo mukobwa, yaramutwenga burimunsi, yavuga ati "Iyo uza kuba udafise uwo mugoryi w'umuvugabutumwa hariyahakurya," yariko avuga jewe, yavuze ati - yavuze ati, "woba uri umwiza. Arikourasa nk'umuntu wa kera." Kandi, oh, yamwereka mu vy'ukuri amabara yose, burigihe yahura na we, gutyo. Yaravuga ati "Umwungere wacu, we, afise ivyiyumvirovyagutse." Yavuga ati "Azi ico bisobanura. Ivyo bintu, mbega ni ukubera ikiukora ibi? Nta kamaro bifise, uburyo bwo kwambara cangwa gutekereza." Ni kobimeze! Bibiliya y'Imana ivuga ko ari ko bimeze. Tuzatungwa n'Ijambo ryose!

Rero, uwo mukobwa akiri muto ntiyamwitaho,yabandanya inzira yiwe. Ni umumisiyonari uyu munsi.

90 Rero, uwo—uwo mudamu akiri muto yanduye indwarayandurira mu mibonano mpuzabitsina, kandi yarapfuye. Ni umwe mu bagenzi banje yamuteyeumuti utuma atanuka, ku rupfu rwiwe. Yarambwiye ati, yaravuze ati. . . Inyumay'urupfu rwiwe, yanuka umwuka w'uwo muti. Yari afise intoboro mu rubavu rwiwe,rwashwanyagujwe n'indwara yandurira mu mibonano mpuzabitsina. Ku buryo ndetsebata. . . Ndetse n'abavyeyi biwe ntibari bazi ico yari arwaye. None yarapfuye.Ariko mbere yo gupfa.

Yigisha mw' ishure ryo ku w'iyinga. Kandi umugwiwiwe wose wo ku w'iyinga waraje, bashaka kumuraba ingene aja mw' Ijuru, koAbamalayika baza kumutwara. Umwungere wiwe yari hanze, ariko anywa itabi,yagendagenda atera intambwe muri koridori yo mu bitaro. Kandi bose babwirizwakuririmba igihe yariko arapfa, murabizi. Bari bazi ko yategerezwa gupfa.Abaganga bari bavuze ko aremvye, ubwo rero bategerezwa bose kubona Abamarayikabaza kumutwara.

91 Uwo mwanya, igihe yahura n'ukuri...Nyamara, yariumuyoboke akomeye w'ishengero, yari umwigisha w'ishure ryo ku w'iyinga,n'umuyoboke akomeye w'ishengero, w'ishengero ryiza rinini ry'ikidini. Arikoigihe yatangura kurwana, urupfu rumutera; amaso yasohotse, yaravuze ati"Ndarimbutse!" Yavuga ati "Ndarimbutse! Muje kundonderera umwungere!"

Yaciye ahonyora itabi ryiwe, arataha, aravuga ati"Tugende, tugende! Tugende,tugende! Tugiye kurondera muganga, aragutera urushinge."

Yaravuze ati "Sinshaka urushinge." Yaravuze ati "wa mubeshi we!Ndapfuye, kandi ngiye ikuzimu. Kandi ndarimbutse, kubera ko utambwiye Ukuri. Jakurondera Gooduse, rero umunzanire byihuse. Afite ukuri."

Mutegereze gake muhure n'ukuri inshuro imwe.Ntimuzagerageze by'umwihariko guhagarika uko guceceka kwera. Ntimuzabihungemurasa kabiri n'imbunda y'inyigisho zigezweho. Mwumve uwo muburo wa Mpwemu Yera,uyu mugoroba, ubaburira uti "Ndi Inzira, Ukuri, n'Ubugingo; nta n'umwe aza kwa Data atanciyeko." Kandi Ni Jambo.

Twunamike umutwe akanya gato.

92 Ndashaka kandi kuvuga Ijambo ry'Umwami Yesu, mugihe muvyibazako. Yesu yaravuze, muri Matayo 5 ati "Hahirwa abafise inzaran'inyota." Mufise amahirwe ndetse kuba mufise iyo nyota muri mwebwe. Mwigezemugera ku rwego aho imikorere yanyu yose yandujwe cane n'amadini, n'imihango yogusenga mito, n'amako mato, n'ibindi vyose, muva mw'ishengero muja mu rindi?Umwansi yashoboye kubaha ayo mazi yanduye, kandi mukabigira umutsima wanyu,nk'ingurube mu buriro bwayo? Mu gihe mutanazi ico kwica iyo nyota y'Imanabisobanura mu vy'ukuri; kuyibona, Yo, kubona ukuri,muri Mpwemu Yera aba muri mwebwe kandi Yigaragaza. Nimba ari ikibazo canyu - nimbaari ikibazo canyu, uyu mugoroba, niba mugifise inyota y'Imana, mundeke mbabwirenti:

Hari Isoko yuzuye Amaraso

Imitsi ya Emanweli,

Umunyavyaha wese yoze muriiryo riba Yozwa icaha ciwe cose.

Wa mwambuzi hamwe yapfa

Yaronse ikigongwe

Nanje ndi umuhwere nkawe,

Untabare unkize

Kuva igihe naboneye mu kwizeraiyo soko

Inkovu zawe zampaye

Urukundo rwancunguye rwabaye icivugocanje, Kandi ruzoguma uko kugeza ku rupfu rwanje.

93 Niba mufise iyo nyota, uyumugoroba, yo kumenya vyinshi ku Mana, no kuyegera, murashaka gusa kuduzaikiganza, ubu, mu gihe imitwe yose yunamye, muvuge muti "Munsengere." Ô Mana,raba ibi biganza!

Ahantu hose mu gihugu, aho ibi birikugera muri uyumwanya, iburasirazuba, mu buraruko, mu burengero no mu bumanuko, mwebwe muri muvyumba, muduze ibiganza vyanyu biraba abakozi n'abari aho, mwerekana ko ari icifuzocanyu, ko mwebwe, hari ikintu muri mwebwe gifise inyota y'Imana. Iyo nyotayera!

Ntimuyica. Ôo, muravuga muti "Mwene Data Branham,navugije induru, incuro imwe. Naratamvye muri Mpwemu." Ntimuzishimire ivyo.Oya.

Murindire ko uko kumara inyota kuza, ico Gicekimara inyota mu buryo bwuzuye, umwuzuro wa Mpwemu Yera winjira muri mwebwe,rero ubwo inkengeri z'umunezero, zo kuvuza induru, zo kuvuga mu ndimi nogutamba muri Mpwemu, ivyo vyose bizoza. Ntimuzogomba kurindira ko habonekaumuziki kugira ngo mubikore. Muzobikore igihe muzoba muri mw'ibarabara, mumodoka yanyu. Muzobikora igihe muzokubura hasi kw'isima. Muzobikora igihe muzobamutera imisumari mu rukuta, mukora akazi kanyu ko

kubaza. Aho mwoba muri hose,hazoba ivyo Vyishimo bitavugwa kandi bihebuje!

Reka dusenge.

94 Data w'igiciro wo mw' Ijuru! Ubu Butumwa butobw'uyu mugoroba, burebure, bwafashe igihe, bwatevye, ariko, Mana dukunda cane,reka Mpwemu Yera abusobanurire buri mutima. Muri iri shengero ndetse, uyumugoroba, ibiganza vyinshi vyadugijwe, ahantu hose, mu makoridori n'ahandi hose.Tu—turabasabira, Mana dukunda cane. Ôo, reka Uyu Mutsima w'Imana uhaza mu buryobwuzuye, ni ukuvuga, Kristo, ivyishimo vy'Ubwiza, Ivyishimo vy'Ubugingo, murimwebwe, Ushobore kuza kuri buri umwe muri bo.

Kure, kuva ku ruhande rumwe rw'igihugu uja kurundi, kuva i California, aho hejuru i New York uyu mwanya, aho hahakwa kuba mugitondo, bariko barumva aho hakurya; muri - muri New Hampshire, nokumanuka, i Boston, kugera muri Texas, uciye muri Indiana, no muri California,n'ahandi hose. Ô Mana, raba ibi biganza; raba ikiri hasi, Mwami, uyumutima uri aho, ufise inzara n'inyota.

95 Uyu munsi wayovye, ahoumubi yahumije amaso y'abantu, kugira atume bishimira kuba abanywanyib'ishengero, no kuvuga ngo "Ni vyo bikwiriye gusa." Kandi nyamara, iyo biravye,babona ukuntu bakora, n'icifuzo bafise co kumera nk'isi.

Mu gihe Bibiliya itubwirako "nimba dukunda ndetse ibintu vy'isi, urukundo rw'Imana ntiruri muri mwebwe".

Nta kindi uretse kwibaza, Data, ko ishobora kuyovyakuri urwo rwego iryo Jambo, iryo Jambo ry'ukuri, ko bashobora kuvuga bati "Yoo,twizera Bibiliya, ariko si Ibi. Ntitwizera Ibi. Twizera ko Ibi, vyariivy'ikindi gihe. Twizera ko Ivyo, ari ikindi kintu", kubera ko idini ryayobejeumwuka wabo kugira ngo bagume muri icyo kizenga cy'ibyondo.

Mu gihe Yesu yavuze ati "Umuntu wese uzakurahoIjambo rimwe guse kuri Ibi, cangwa akongerako ijambo rimwe gusa, umugabane wiweuzakurwa mu Gitabo c'Ubugingo."

Mana dukunda cane! Kwibaza kukubirwa kuzoba ahohakurya mu Rubanza, igihe abantu bazoba barabayeho ubuzima bwiza, busukuye,bwera, bazoba baragiye mu rusengero, ndetse bitanze uko bashoboye, mazebakarimbuka.

96 Kwiyumvira kuri abo bafarisayo, kuva mu myaka yaboy'ubuto, barerewe mu Butumwa, basohotse mu mashure atandukanye, n'ibindi vyose,bareraga (vyanka vyakunda, nimba atari ivyo baba barabateye amabuye), kandiYesu yaravuze ati: "Mufise so Satani."

Isirayeli, yamanutse aho! Kandi ibi bifise umumarowo kuburira abapantekoti, Mwami, kuva ku ruhande rumwe rw'igihugu ujya ku rundi.Mose, wari umuhanuzi. Yagiye muri Egiputa, kugira ngo asohoze Ijambo ry'Imana,kugira ngo abashyire umuco w'umugoroba! Kandi babonye ibitangaza bihebuje vy'Imana!Ubwo baramukurikiye, bambutse inyanja Itukura, babatijwe umubatizo wayo,binjiye mu butayo kandi bariye ibyokurya vy'Abamarayika byamanutse mu Ijuru.Noneho nyuma, banze kwemera Ijambo ryose, igihe bavaga i Kades Barnea...i KadesBarnea, nyuma yo kuba mu—mu gihugu cyasezeranijwe, noneho bakavuga bati "Bamezenk'abantu b'ibigango; ntidushobora kuhagera." Mugihe Imana yavuze iti "Namaze kubaha icyo gihugu!" Abantu bo ku mbibi! Yesuyaravuze ati "Bose, bararimbutse. Barapfuye", bazimiye, nta Mana, nubwo bakozeibyo bintu vyose. Babonye ibyo bitangaza; barishimye, babyinnye muburyo bwose ku nkombe, hamwe na Mariya, igihe bavuzaga ingoma. Kandi batatu gusa, muri izo miliyoni zibiri z'abantu,ni bo binjiye.

97 Turabizi neza rwose, Data, ko, iyo intanga,utunyangingo (genes) tw'ikigabo n'ikigore, zihuye, ni imwe gusa, kuri miliyoni,yemerwa. Umumere w'ikigabo ubona intanga ngore iri mu burumbuke, y'ikigore,noneho izindi miliyoni zikarimbuka.

Miliyoni imwe, miliyoni zibiri zasohotse muriEgeputa; babiri, Yosuwa na Kaleb, ni bo binjiye mu gihugu. Umwe kuri miliyoni.Data, mpinda umushyitsi iyo mbitekerejeho. Gutekereza, mu isi yose uyu munsi,hari miliyoni magana atanu z'abakirisitu, ni ukuvuga ko, Uje uyu mugoroba,haboneka magana atanu. Ô Mana, reka twibuke ko buri Jambo ry'Imana riri ahonk'urwibutso. Tugomba kuryizera. Tugomba kuryubaha.

Kandi, igihe Wavuga uti "Nimwihane, umuntu wesemuri mwebwe abatizwe mw' Izina rya Yesu Kristo ngo mubone kubabarirwa ibyahabyanyu, kandi namwe muzahabwa iyi mpano y'Umwuka Wera, kuko isezerano ariiryanyu n'abana banyu n'abari kure bose, abazahamagarwa n'Umwami Imana yacu.

Idini ryononye mpwemu w'aba bantu, kandiribayobora, biciye mw'ishure ry'inyigisho ya tewolojiya y'isi, bajya ku kintu,bavuga bati "Ôo, mugomba kwizera gusa." Umubi arizera na we, ariko ntashoborakwakira Mpwemu Yera. Yuda Isikaryota yari. . . yakoze ibindi bintu vyoseintumwa zakoze, yigishije Ubutumwa bwiza; ariko igihe igihe cageraga kuri wengo yakire Mpwemu Yera, yiyerekanye munsi y'umunsi wiwe nyakuri.

O Mana, reka abantu b'iki gihugu bamenye, uyumugoroba, ko badafise ubwo bunararibonye, barimbutse. Emera ko uyu mugoroba,imitima yabo imarwa inyota n'Umutsima Wawe, Mwami, mu gihe tubashize mu biganzaVyawe. Ni Abawe, Mwami. Dutegetswe gusa kuzana Ijambo. Ndasaba ko bizeran'umutima wabo bose, kandi ko buzura Mpwemu Yera. Tubisavye mw' Izina rya Yesu.Amen.

Ndamukunda, ndamukunda

Kubera ko Yabanje kunkunda Kandi agacungura agakiza kanje Ku giti c'i Karuvari.

98 Ewe, ni umugabane wawe ushimishije? Oh, my. Uramukunda n'umutima wawe wose? Noneho, amagambo rimwe na rimwe arimo gukata. Ariko reka turirimbe muri Mwuka, none, reba, buri wese muri twe, ubu. Reka duhane amaboko umuvandimwe wicaye iruhande rwawe, mushiki wawe, hanyuma tuvuge tuti: "Imana iguhe umugisha, musuku," nkuko twongeye kubiririmba.

Ndamukunda, ndamukunda

Kubera ko yabanje kunkunda

Naguze agakiza kanjye

Ku giti cya Calvary.

Noneho, twarasezeranye. Noneho reka duhumure amaso, turirimbe muri Mwuka, tuzamure amaboko.

Ndamukunda, ndamukunda

Kubera ko yabanje kunkunda

Naguze agakiza kanjye

Ku giti cya Calvary.

Yego, ntabwo ari mwiza?

Igitangaje, cyiza, Yesu ni kuri njye,

Umujyanama, Umuganwa w'amahoro,

Imana ishobora byose;

Nkiza, nkomeza,

Mu byaha byose no gukorwa n'isoni,

Igitangaje ni Umucunguzi wanjye, Shima izina rye!

Igitangaje, cyiza, Yesu ni kuri njye,

Umujyanama, Umuganwa w'amahoro,

Imana ishobora byose;

Nkiza, nkomeza,

Mu byaha byose no gukorwa n'isoni,

Igitangaje ni Umucunguzi wanjye,

Himbaza izina rye!

99 Yoo, ushimishijwe n'uburambe bwawe na Kristo? Ntabwo ari igitangaza? Ntiyanyurwa?

Nigeze kubura, none ndabonetse,

Nta gucirwaho iteka,

Yesu atanga umudendezo,

Agakiza kuzuye;

Nkiza, nkomeza,

Mu byaha byose no gukorwa n'isoni,

Igitangaje ni Umucunguzi wanjye, Shima izina rye!

Yoo, igitangaza, cyiza, Yesu ni kuri njye,

Umujyanama, Umuganwa w'amahoro,

Imana ishobora byose;

Nkiza, nkomeza,

Mu byaha byose no gukorwa n'isoni,

Igitangaje ni Umucunguzi wanjye, Shima izina rye!

100 Wizera ko ibyo ari ibyanditswe? Bibiliya yaravuze iti: "Mukubite amashyi, nimutakambire Uhoraho." Urabizi, Nahoraga nifuza gucuranga. Umukobwa wanjye, Rebeka, afata piyano. Umuhungu wanjye muto avuza impanda. Ariko nize igikoresho cyimirongo icumi.

Igitangaje, cyiza, Yesu ni kuri njye,

Umujyanama, Umuganwa w'amahoro,

Imana ishobora byose;

Nkiza, nkomeza,

Mu byaha byose no gukorwa n'isoni,

Igitangaje ni Umucunguzi wanjye, Shima izina rye!

Uramukunda?

Tuzagenda mumucyo, urumuri rwiza,

Ngwino aho ikime gitonyanga

Impuhwe zirabagirana;

Mumurikire impande zose kumanywa nijoro,

Yesu, umucyo w'isi.

Tuzagenda mu mucyo,

Ni urumuri rwiza cyane,

Iza aho ikime gitonyanga

Impuhwe zirabagirana;

Mumurikire impande zose kumanywa nijoro,

Yesu, umucyo w'isi.

101 [Humming.] Kuramya Imana nibintu byose ufite. [Humming.]

Iyo abera bagiye kugenda,

Iyo abera bagiye kugenda,

Mwami, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo abera bagiye kugenda.

Yoo, iyo bamwambitse ikamba Umwami wa byose,

Iyo bamwambitse ikamba Umwami wa bose,

Mwami, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo bamwambitse ikamba Umwami wa byose.

Igihe izuba ryangaga kumurika,

Igihe izuba ryangaga kumurika,

Mwami, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo izuba ryanze kumurika.

Urabikunda? Noneho, nibaza niba warahinduye ibirenge. Ntabwo ukibyina ukiri hanze, kwisi, reba. Reka dukandagire ibirenge kuri Nyagasani, kuri Nyagasani. Amaboko yawe yahinduwe - ntukiba ukundi? Iminwa yawe yarahinduwe - ntukibeshya? Gusa ntukinjire idini mumutwe wawe; bikureho byose, nibyo! Bisaba umugabo wose. Nibyo. Noneho, reka dukandagire ibirenge.

Iyo abera bagiye kugenda,

Iyo abera bagiye kugenda,

Mwami, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo abera bagiye kugenda.

Iyo abera bagiye kugenda,

Iyo abera bagiye kugenda,

Mwami, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo abera bagiye kugenda.

Noneho, reka tuzamure amaboko.

Iyo abera bagiye kugenda,

Iyo abera bagiye kugenda,

Nyagasani, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo abera bagiye kugenda.

Iyo bamwambitse ikamba Umwami wa byose,

Iyo bamwambitse ikamba Umwami wa bose,

Mwami, ndashaka kuba muri iyo mibare

Iyo bamwambitse ikamba Umwami wa byose.

102 Ntumukunda?

Noneho, tuzagenda mumucyo,

(Niwe mucyo, urabizi)

Ni urumuri rwiza,

Iza aho ikime gitonyanga

Impuhwe zirabagirana;

Mumurikire impande zose kumanywa nijoro,

Yesu, umucyo w'isi.

Wizera ko ari umucyo w'isi? Urabikora? Pawulo yagize ati "Iyo ndirimba, nzaririmba mu Mwuka. Niba nsenga, nsenga mu Mwuka, "reba. Ibyo ukora byose, ubikore byose muri Mwuka, nibyo. Kandi Umwuka azana Ijambo mubuzima. Nibyo? Nibyo. Nibyo, nyagasani.

Mwebwe abera bose b'umucyo,

Yesu, umucyo w'isi;

Ubuntu n'imbabazi mu izina rye,

Yesu, umucyo w'isi.

Noneho tuzakora iki?

Tuzagenda mumucyo, urumuri rwiza,

Ngwino aho ikime gitonyanga

Impuhwe zirabagirana;

Mumurikire impande zose kumanywa nijoro,

Yesu, umucyo w'isi.

103 103Mbabajwe no kwitiranya abakinnyi nkabo, ariko ndatwarwa gusa. Ntabwo nzi ibyiza kuruta gusenga gusa. Nuburyo bwo kubikora. Nibyo, nyagasani. Nshimishijwe n'aya mahirwe, Muvandimwe Mack, kuza gusabana nawe n'itorero ryawe, hano, iri joro, abo bantu bose beza. Namwe mwazamuye amaboko kubatizwa kwa Roho Mutagatifu, ndizera ko uzahura na Pasiteri Mack hano, cyangwa bamwe muribo, hanyuma ugasubira mucyumba hano. Kandi wibuke gusa, igihe Imana yavugaga ijambo mugitangiriro, ikavuga iti: “Reka,” hagomba kubaho. Na we ati: “Hahirwa abafite inzara n'inyota nyuma yo gukiranuka, kuko bazahazwa.” Bigomba kubaho. Ngwino usure umushumba wawe hano, kandi uhagarare iruhande rwe abwiriza ubutumwa bwiza.

104 Noneho, reka twongere turirimbe iyo ndirimbo nziza ishaje, ndabikunda gusa. Tuzagenda mu mucyo. Yesu ati: “Ndi umucyo,” kandi uri muri We, reba. Nigute ushobora kumwinjiramo? Kwifatanya na we? Oya. Oya. Umubatizo w'amazi? Oya. Umwuka umwe twese twabatijwe mu mubiri umwe, ariwo mubiri wa Kristo. Kandi muri uwo mubiri harimo impano icyenda zumwuka, zikorera mumubiri waho, itorero ryaho. Nibyo intumwa niba narigeze kubimenya. Nibyo. Noneho ....

Tuzakomeza kumurika,

Mu mucyo mwiza,

Iza aho ikime gitonyanga

Impuhwe zirabagirana;

Mumurikire impande zose kumanywa nijoro,

Yesu umucyo w'isi.

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info